# Rya Yinga Rigira Mirongwirindwi Rya Daniyeli

Jeffersonville, Indiana, USA
06 Myandagaro 1961

1 Urakoze cane, mwene Data Neville. Mwaramutse ga bagenzi! Niamahirwe tugize kwongera kugaruka muri rino hema muri iki gitondo,kugira ngo tubandanye ubu Butumwa bwiza cane turiko turagerageza gusigura, rya yinga rigira mirongo irindwi rya Daniyeli. Kanditurahimbawe no kubona ko abantu benshi bakoraniye hano kuri unomurango hashushe, n'aho tubabajwe no kuba tudafise ibibanza vyokwicaramwo bikwiye. Kubona abantu bagundanye, nka gutya, abandibahagaze nko mu mpande zose, ahubwo ntibinabereye. Kandi, ko muticayemwisanzuye nk'uko mwategerezwa ni ho muca murushiriza kugira ingoranezo gutahura. Yamara turaja gukora uko dushoboye kugira ngo bube bugufi. Kandi uyu musi, ndizigiye ko mwebwe, ninateba gato, muraja kumparira,kuko ubu ari ho tuja kumarira ubu Butumwa, turaja kuburangiza vy'ukuri.Twabugabuyemwo ibice bitatu, kugira ngo tubone uko twobutahura.

2 Ni vyo, abatwumviriza barazi ko bu-, canke ko ubu butumwa bufatwa kumakaseti. Kandi buca burungikwa mw'isi yose. Hafi buri hanga ryose ririkw'isi riraronka ayo makaseti. Kandi nashaka kubwira abumviriza ikaseti,aho muri hose, bo n'igice c'isi murimwo cose, ko bishoboka ko harimwoibintu tudahurizako kubijanye n'inyigisho ntanga. Ariko, bene Data, nashakakuvuga ko kumbure, uwosigura ukuntu mwebwe mubibona, vyoshika kousanga binyuranye n'uko jewe nizera. Yamara naryoherwa no kwumva ivyomuri buvuge.

3 Kandi ico ciyumviro ni co mba mfise mu mutima wanje igihe nshikirizaubu butumwa bwa…bw'Ijambo ry'Imana. Ni kubwo kwubaka Ishengero,kubw'Ishengero ryose, Ishengero ryo kw'isi yose; Kandi ndizera canentakekeranya ko turi ku musi w'imperuka. Kandi ngerageza gusigura ibi,yamara na ho nyene ata kurondera gushira imbere, kwemeza ku nguvuiciyumviro ku kantu kamwe canke akandi. Aho ngeza kumenya, sindigerankora ikosa nk'iryo.

4 Kenshi abantu barumviriza amakaseti, bagaca bavuga bati: «Ivyo,sindavyemeye. Vyukuri, ntazi inyigisho yiwe, ntazi Ivyanditswe.» Na none,ivyo vyose birashobora kuba ari vyo. Murabibona? Sinoja kuvuga ko atarivyo. Ariko kubwanje, ndaryiga ntafashe na rimwe mu majambo…Ndasomaivyo abandi bagabo bavuga maze nkabishima. Ivyo bashobora kuvuga vyosendabishima. Ariko hanyuma - hanyuma, nca ndabijana imbere y'Imana,kandi sindahava ntarashobora kubisigura mpereye mw'Itanguriro gushikamu Vyahishuriwe, kandi ngo mbone ko vyose biri muri Bibiliya. Kandigurtyo, ndazi ko biba ari nka vyo. Kandi, koko aho mwebwe muri mu kuri,ni ho hantu honyene jewe mba nihendeye. Kandi birashoboka ko aho mubamwihenze canke se mwavuze ukuri, aho ni ho jewe mba nahushirijehanyuma, aho mwihenze na ho hakaba ari ho mvuga ukuri.

5 Turabashima mwese rero, abantu bera bose bariko batwumviririza hano,bo n'abumviriza amakaseti. Kandi na twe…Icakozwe cose, nikubw'Ubwami bw'Imana gusa. Ndafise abagenzi benshi beza cane mw'isiyose nkunda cane, kandi nizera ko nzobana nabo ibihe bidashira. Kandi mumutima wanje, sinokwifuza vy'ukuri kuyovya abo bantu, nta buryo nabumwe, ahubwo nogerageza gukora ivyo nshoboye kugira ngo ndabafashe. Niyumva meze nka Salomo aho yasenga avuga ngo ahabwe ubwengebwo gushobora kurongora ihanga ry'Imana. Ng'iryo isengesho ryanje rivuye ku mutima.

6 Abo dusangiye umurimo bari kumwe nanje ngaha, hirya no hino,ndabona mwene Data Mercier, na - na mwene Data Roy Borders, na mweneData Neville, bo na Billy Paul, umuhungu wanje. Gene ari ahantu hamwengaha na bene Data, Teddy n'abandi. Ndashima kubw'abo bantu bari ngahokugira ngo bamfashe.9. Nta gihe kinini gishize, ndibuka mwene Data Leo ukwerekwa yahawe,yari yakwise inzozi, hari umusi umwe mw'ijoro, duheruka kumenyana; yariyabonye isonga rirerire rimeze nk'ipiramide rirerire cane mu kirere. Kandinari hariya hejuru, ahantu hamwe, ndiko ndavuga ubutumwa, aca aradugakuraba ivyo ari vyo. Amaze gushika hariya hejuru kuri iryo songa, ni hoyavuga ko nari kure cane, mu muco umeze nk'uwakaka, ahantu hakirurutsendiko ndabwira ubutumwa abantu. Yarankebuye, maze nca ndaba iyo ari.Yaciye avuga ati: «Ariko, wabigenjeje gute ngo uduge kugeza hiyo?Nshobora gute kuza gushika iyo?»

Naciye mvuga nti: «Leo, nta muntu ashobora gushika ngaha. Imana niYo itegerezwa kuzana umuntu ngaha.Wewe ntukwiye kuduga ngaha ukwiyekumanuka gushingira intahe abantu bari hasi, umaze kubibona, ko ari Ukuri,ko Ibi ari Ukuri.» Leo yaciye rero amanuka gushingira intahe abantu.11. Mwene Data Leo, haheze igihe kingana iki ivyo bibaye? Imyakamyinshi, si vyo? Imyaka myinshi. Kuva ubwo, aho ngeza kumenya,yabikoranye ubwizigirwa, yarashingiye intahe abantu yuko iri bangory'igikorwa riva ku Mana. Kandi si-sinshaka ko riva kuri jewe. Hamweryova kuri jewe, aho rero si vyiza kuko ata ciza na kimwe kiri mu muntu.Murabibona? Bikwiye ko riva ku Mana.

7 Ubu ndavye hirya no hino…Ejo ku muhingamo, narramukije mweneData West ndamukoze mu minwe, n'ubu simbona aho ahereyeye muri inonzu; ego, ubu ndamubonye, muri kano gatondo. Mbega murazi urugendoabo bantu bagenda mu modokari kugira bashike hano uko mungana, bafataibarabara ryose kuva i Alabama, kugira babe bari ngaha ku w'iyinga, urworugendo rwose, kuva i Alabama!13. Mwene Data Welch Evans, sinamubonye ku w'iyinga ushize. Hariuwambariye ko bafata ibarabara ryose riva i Tifton muri Georgie kugirabashike ngaha; bo na mwene Data yicaye ngaha, n'abari kumwe na we. Nibenshi! Mwene Data Palmier, w'i Macon, muri Georgie. Kandi umengandarabutswe mushiki wacu Ungren bo

n'abandi hariya inyuma. Bo, bavandetse n'i Memphis muri Tenessee. Ubu, muribaza… Kandi n'abandi bavamu yindi mihingo. Mpejeje guhura n'umupfasoni umwe ava kure cane, muriCaroline y'epfo.

8 Ubu, muribaza ko abo bantu bari ngaha…Ndavye, ndabonamwo abava iChicago, bo no mu mihingo itandukanye, bagenda ibirometero amajanan'amajana bari mu miduga, kugira gusa baze mu bikorane. Kandi iyobashitse basanga ata bibanza bihari bicaramwo. Iyi nzu ntirimwo ivyumavyo kugabanya ubushuhe; mutegerezwa kuguma muhagaze mu nzu ishajekandi ishushe birenze urugero, mwihanagura ivyuya. Mufata amahera yogufungurira abana kugira ngo mushobore kuza ngaha kwumvirizaUbutumwa. Mushaka kumbwira ko hatoba hari…hakurya ya rwa ruzi,ahantu hamwe, ahantu bazoja umusi umwe muri iyo misi? Ni vyo nta nkeka.Uko, ni ukuba umwizigirwa! Abo bantu ni abantu batanga ikigira cumi cabo.Ntibapfa kuza gusa, ariko bazana ibigiracumi n'amashikanwa vyabo, babizana mu ngoro y'Umwami, bagerageza gukora ivyiza. Imana iheimigisha myinshi abantu b'abizigirwa nk'uko. Imbabazi n'ubuntu vy'Imanabibane na bo.

9 Ndabona umugenzi wanje n'abandi bava mu bumanuko bw'i Kentuky.Aho umuntu aravye hose abona abantu bava mu mihingo itandukanye. Uyu musore yicaye hano, izina ryiwe riransize. Twahuriye i Chicago.Yamara uva mw'ishure ryigisha ivya Bibiliya, ahantu hamwe kure yo ngaha,si vyo? [uwo mwene Data avuze ati : «Mvuye i Springfield muri Missouri»]ishure ryigisha ivya Bibiliya mw'ishengero yitwa amakoraniro y'Imana.Ego. Ni uko, neza cane. Murabona, bava hose, kugira ngo bahurire murikano gashengero gato, ataco kavuze. Ibaze gusa, haraheze nk'imyaka mirongo itatu, wa musi mu gitondoibuye ry'imfuruka, nari harya kw'ibarabara ry'indwi, urengana ibarabararimwe uvuye ngaha. Sinari bwanagire n'ubugeni, nari nkiri umusore, kandinarereretswe, aho nabonye abantu bagundanye, barundanye ngaha, mumihingo yose. Kandi nari nezerewe rwose, mpagaze ahavugirwa ubutumwa.Kandi aho ni ho Yambwiriye iti: «Yamara, iri si ihema ryawe.» Kandiyaciye inshira munsi y'amajuru. Ibikurikira murabizi, vyanditse ku rupapurorwa Bibiliya, ruri harya mw'ibuye ry'imfuruka.

10 Ndashima cane ko ndabafise mwebwe. Sinshobora…Ni, ntibihagijekuvuga ngo: «Ndashima kuba ndabafise.» Ariko ndabasengera. Ndabizigira.Ndemera gatitiba y'Imana mufise. Sinibaza ko umugabo canke umugore, kobogenda ibirometero amajana n'amajana mu modokari kugira ngo bazengaha kwerekana impuzu bambaye. Si - sinibaza ko bokora ivyo. Oya.Ntiboza ngaha kugira biyerekane gusa ata kindi. Namba baza ngaha, nikubera bitwararitse, bimwe bikomeye kandi bivuye ku mutima agakizak'ubugingo bwabo. Isengesho ryanje n'iri ngo: «Ewe Mana, mfasha,ndonke, n'aho koba agace k'umutima ukunze bafise, kugira ngeragezekubabwira ubutumwa n'umutima wanje wose, kandi niteze Imana. »

11 Ubutumwa murabona, muri iki gitondo, babicapuye ngaha ku rubaho.Ni ukugira ngire gusa… kugira ngende ndasigura, kugira ngerageze gukoraku buryo mutahura ivyo ngerageza kuvuga. Kandi ayo Mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli, cabaye icigwa kinini,haheze nk'imisi ibiri n'amajoro abiri hafi impera y'iyi ndwi yose maze ngaha, ndi muri vyo, ngerageza kuronka amajambo yoshobora guseruraUkuri, bitegerezwa guhura n'ibindi vyo muri Bibiliya. Murabona?Ntimushobora gupfa kubifata agace gatoya gusa ko mu Vyanditwe, mazemukigenera ibintu kuri vyo maze ngo muce muvuga muti: «Nuko rero ng'ibiibivugwa ngaha. »Mu nyuma naho mukigarura kugira muvuge muti:«Yamara harya, bi- bivuga ikindi kintu, gihinyuza ibi.» Ntibishoborakugenda gurtyo. Bitegerezwa kuvuga ikintu kimwe umwanya wose. Bitariuko aho rero muba - muba mwihenze. Kandi ni muri ubwo buryo nageragejekuvyigisha.

12 Ndiko ndarengana, ku vy'amakaseti, kuko ari ku makaseti…Ahaniniivyo bene Data bo mu mihingo itandukanye banegura ku makaseti, ni ukonizera ubuntu bw'Imana, ni ukuvuga ko nigisha, nk'uko ndabikora«twatoranijwe imbere y'ukuremwa kw'isi.» Bene Data b'abapentekoti, biribonekeza, ndazi ko uburyo bwanyu bwokubona ibintu bwisunga ivyagezwe, murabona, kandi nda- ndazi kobibabuza kubibona. Ariko murashaka, nka mwene Data w'umukristo,murashaka kuvyiyumvirako bikwiye kugira ngo mupfukame imberey'Imana, na Bibiliya yanyu, mugasaba Imana ikabibasobanurira? Murashakakubikora? Murashaka guhuza itanguriro n'Ivyahishuriwe Yohana mwisunzeIvyagezwe?

13 Kandi «rwa ruvyaro rw'inzoka», ico giteye ubwoba kurusha; abantubenshi ntibavyizera. Gusa, hamwe mwoshobora gusoma neza Itanguriro,Bibiliya iravuga ko inzoka yaronse uruvyaro. «Nzoshira inyankane hagatiy'uruvyaro rw'inzoka bo n'uruvyaro rw'umugore». Inzoka rero, yararonseuruvyaro. Kandi namba uruvyaro rw'inzoka rwari urw'impwemu, Yesu rerontiyari umuntu, none rero, uruvyaro rw'umugore rwari urw'impwemu.Bompi bararonse uruvyaro kandi inyankane ziracariho. Inzoka yararonseuruvyaro. Kandi namba mushaka gufata gusa Bibiliya zanyu, kandi vy'ukurimukegera Imana mufise ukwubaha kwinshi, nizera ko Imanaizobibahishurira. Kandi, mukaba mutabitahura, umwanya wose, ndi hafi yanyu ngo nkoreibishoboka kugira ngo ndabafashe, biciye mw'ikete canke mu - canketukayaga turi babiri canke ico ari co cose noshobora gukora kugira ngondabafashe. Ni vyo, turazi ko atari ivyo bikiza umuntu, nk'ukobitanamutsindisha, ariko ico bikora, ni ukwerekana neza ivy'ico cigwa, twihatira gutahuza abantu. Murabona? Ico bikora ni ugushira ahabona icokintu. Ubu, ku batwumviriza tubonana, namba navuze ivyo, ni ukuberaamakaseti, murabona, ayo makaseti akwiragira hose, hose.

14 Ubu rero, twunamike imitwe akanya gato, imbere y'uko twegerezaNyene iri Jambo. Ni bangahe mu

batwumviriza bafise ico bakeneye, muriaka gatondo, muvuge gusa muti: «Hari ico nkeneye. Ewe Mana, ungirireimbabazi.» Umwami abahezagire. Kandi n'abazokwumva iyi kaseti, ahomuzoyumvira, Imana ize yishure ico muyisaba.

15 Data wacu wo mw'Ijuru, turi ihanga rishima, yamara kandi tukabaihanga ritabereye. Ariko turegereje intebe yawe y'ubuntu, kino gitondo,kuko twatumiwe kuza. Yesu yavuze ati : «Ico muzosaba cose Data mw'Izinaryanje nzogikora.» Kandi turazi ko ari ukuri!28. Hano muri ino nyubakwa, eka na hariya mu gihugu, aho aya makasetiazoja, birashoboka ko ibihumbi mirongo vy'abakristo bavutse ubwa kabiribazokwumva ibi. Kandi turazi, Data, ko iyo tuvutse ubwa kabiri, impwemuyacu iba ivyawe n'ijuru. Ni Mpwemu w'Imana, Mpwemu Yera kuri twebwe.Kandi turazirikana ko uwo Mpwemu Yera ashobora vyose, kandi koashobora gushitsa kubwacu ivyo twipfuza kubona bishika vyose. Nuko rero,Data wo mw'Ijuru turagusavye kubohora ukwizera kwacu kubw'uwoMpwemu, kugira ngo ashobore kuduha muri kino gitondo, ivyo twasavyevyose kandi twifuje, kubw'icubahiro c'ubwami bw'Imana, dukire indwarazacu n'imibabaro yacu, kandi gurtyo dushobore gukorera Imana yacu n'ibirimuri twebwe vyose.

16 Ugurura amatwi y'ubwenge bwacu uyu musi, mu gihe ndiko ndihatirakwishura iki kibazo gikomeye bo no kugitomora mu vyiyumviro vy'abantu.Ubu rero navyanditse Mwami, ngaha ku rupapuro kandi hari n'igicapogicapuye ku rubaho, yamara sinshobora na gato kugisigura jewe ubwanje.Ubu rero turaguhamagaye wewe, umwigisha mukuru yanditse Ijambo,yarihumetse, ukariha uwuvugishwa n'Imana Daniyeli. Kandi turagusavyengo urungike uguhumekerwa muri kino gitondo, muri ino minsi ya nyuma, -nk'uko yavuze ko Igitabo kizomatanishwa ishashara kugeza iki gihe, kouzokwugururura ubwenge bwacu. Kandi habe mu mitima yacu ukwizerakwakira, gutuma Ijambo rishinga imizi kandi rigira Ubugingo, be no kumeramu buzima bwacu ibiti vy'ukugororoka, ivyo kwashiriweho kumera. Ukwizera kwacu mu Mana gutange ivyo muri kino gitondo. Kuko tukwitezeduciye bugufi kandi tukwishikaniye muri kano kanya mw'Izina rya YesuKristo, Amen.

17 Ubu rero, turashima ku bwa kano gatondo, kubwa kano karyo gatangajedusubiye guhabwa ko kuzingurura izi mpapuro z'Ijambo rihoraho ry'Imana. Ubu, namba nihaye igikorwa co kugerageza gusigura ibi, ni kubera koturiko turiga igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, kandi duhejeje kubona vyabihe ndwi vy'ishengero. Nyuma y'aho, ku mpera y'igice ca 3 c'Ivyahishuriwe Yohana, Ishengero rirakurwa kw'isi kugira riduge muBwiza. Kandi ngerageza n'umutima wanje wose kwereka abantu ibi:barindiriye ko hashika ikintu babona ko canditse mu Gitabu c'IvyahishuriweYohana kandi ivyo bitari bihuye n'igihe c'ishengero. Kandi turegerejeiherezo kurusha uko muvyiyumvira.

18 Umusi umwe mw'ijoro, haraheze imisi mikeyi, Billy,… wanje, cankeahubwo umukazana wanje yarampamagaye ijoro rikuze, kugira ngo ambwireko umugabo yitwa Andy Herman - yari ku mpfiro, mu bitaro. Naragiyekumuraba. Bari bamuhaye ibiyayuramutwe. Na… ku buryo yari asinziriyemaze sinashobora kumuvugisha. Bukeye mu gatondo… Nari nasavye Imanakumuzigama ari muzima kugeza aho nshobora kumuvugisha. Andy niumuntu mwiza, ariko ntiyari umukristo. Si data wacu, ni muvyaranje,yabiriye umwe muri bavyara banje. Kandi senge Ade, yari ngaho, yambariyeati, yavuze ati: «Billy, mu myaka mirongo umunani yabayeho, ntiyigezeakorera Imana. Ariko, yavuze ati, haheze amayinga makeyi, yari yicayemuhira…» Ku myaka mirongo umunani, biragaragara, ko adakora ibikorwavyinshi vy'inguvu. Ariko yavuze … Yaramuhamagaye maze aravuga ati:«Ade, urazi? Kristo ahejeje kunyiyereka, ngaha, haheze akanya gato.»Yaciye amuraba, aca avuga ati: «Andy, mbega… mbega…Ni ibiki bibaye?»Yaciye avuga ati … Yavuze ati: «Oya. Yari aho, ahagaze imbere yanje,kandi hariho ikintu yavuze.» Yaciye avuga ati: «Yavuze iki?» -Hararengeranye kurusha ukwo uvyibaza.

19 Haciye amayinga makeya, - amayinga abiri canke atatu, - yarafashwe,n'indwara aca aramugara, aja mu bitaro, ari ku mpfiro. Naciye mvuga nti:«Senge Ade, wategerezwa kugira isoni zo kuba utampamagaye, jewe cankeuwundi muntu, kugira ategure umutima wiwe kubw'iyi saha agezemwoubu.» Naciye nsaba Umwami, bukeye bw'aho mu gitondo igihe na…Kuberaatashobora kuvuga, naramubajije gusa, mvuga nti: «Uranyumva ga Datawacu Andy?» Yarashoboye kuzunza umutwe, no kubumbura iminwa.Naciye ndamusengera, ndamubwira yature ivyaha imbere y'Imana.Nagomba kumubatiza, kandi na Senge Ade yagomba kubatizwa.

Naciye njana ibaraza kugira nje kuraba umukenyezi akiri muto aba muriako gacimbiri, ari na we bari bagira bajane mu bitaro vy'abarwaye mumutwe; kandi Umwami yaramukoreye ikintu gitangaje, yaciye ataha imuhira. Kandi, mu nzira, narahuye na mushiki wacu w'umwirabure, yaciyeavuga ati: «Uri mwene Data Branham, si vyo?» Nagize nti: «Ni vyo cane.»Yaciye avuga ati: «Mbega uracanyibuka?» Ndi muka Drye.36. Nca mvuga nti: «Ego, nibaza ko ndakwibuka. Pete Drye n'abandi.»Navuze nti: «Ego nako, nda -ndabibuka.» Yaciye araba mu cumba, kandimuri ako kanya… Nariko ndibaza igituma yavuze ivyo. Kandi aho, datawacu Andy yari yavyutse yicaye ku gitanda, yari yicaye aho, anyiganyizaibiganza n'amaboko nk'abandi bose, yariko aragerageza kumanura karyakuma, akuma k'igitanda kugira akiveko yigire. Ubu rero bagiye kuzakubatizwa mw'Izina ry'Umwami Yesu, we n'umutambukanyi wiwe.

20 Yamara rero igituma nababariye ivyo ni iki: igihe kirarenze kuruta ukwotwovyiyumvira. Kandi nibaza ko aya Mayinga Mirongo irindwi ya Daniyeliaja kubidutahuza.38. Mubona ko benshi muri bene Data

b'abapentekoti, nk'uko nabivuze mukanya gashize kw'ikaseti, ibi ntitubihurizako. Biteze ko hoba ukugaragaragukomeye kw'ubushobozi. Kandi, bene Data, nimwaba mushakakwumviriza muteze yompi maze ntimu…mukumviriza, muraja kubona koukwo kugaragara gukomeye kw'ubushobozi kwamaze kurengana. Yesu arihafi kugaruka.39. Ishengero rigenda mu gice ca 3 c'Ivyahishuriwe Yohana. Nta na kimwekivugwa na mba, nta kintu na kimwe; ariko ikintu ca nyuma kimwe gusa niintumwa ya nyuma y'ishengero. Inyuma y'ivyo, tuvuga ku Bayuda, gushikaku kugaruka, kumwe n'Umugeni, mu gice ca 19. Kuva ku gice ca 6 gushikaku gice ca 19, nta kindi kivugwa atari Abayuda. Ni co nashaka kwerekamwene Data mukundwa ari hano mu gihe ca bimwe bimatanije igitabo, kurimwene Data Wood, yabaye icabona ca Yehova, we n'umuryango wiwewose, bari hano muri kino gitondo ko barya «ibihumbi ijana na mirongo ine na bine» batari, ataho bari bahuriye n'abanyamahanga. Ni Abayuda.Murabona? Kandi ko atari umubiri utaboneka wa Kristo uri kw'isi uyu musi.Umugeni ni we ari uyo Mubiri utaboneka. Biciye muri Mpwemu Yeraturabatizwa kugira tugire uyo Mubiri-Banga.

21 Ubu rero, turazi ko ari mu gitabu ca Daniyeli, ngaha, twasomye, kanditugiye gusubira gusoma, kuko ari Ijambo ryayo. Mu gice c'icenda (9) caDaniyeli, umurongo wa 24. Amayinga mirongwirindwi agerewe ubwoko bwanyun'igisagara canyu cera, kugira ngw'ibicumuro bishire…ivyahabirangizwe, n'ibigabitanyo bitangirwe impongano, hazanweukugororoka kutazoshira, ivyo weretswe n'ivyavugishijwen'Imana ngo bimatanishwe ishashara idomwemw'ikimenyetso,ahera cane harobanuzwe amavuta.Umurongo wa 25: «N'uk'umenye, utahure, yuk'uhereye…» Nuko, ng'ico icotwavuze, kandi, kuw'iyinga ushize ku mugoroba, twahereje kur'iki ngo:«Ahera cane harobanuzwe amavuta.» Aha ni ho duhera muri iki gitondo, kumurongo wa 25. «Kandi rero…»Nuk'umenye, utahure, yuk'uhereye igihe icagezwekizoshingirwa co kuvyura no kwubaka Yerusalemu (ni ukuvuga«igisagara cawe cera murabona) gushika kuri Mesiya Segaba,hazoc'amayinga ndwi; maze habeh'ayandi mayingamirongwitandatu n'abiri, hasubire kwubakwa,basubizeh'imiharuro n'imigende, mbere bizoba bikorwa mubihe bigoye. Maz'ayo mayinga ukw'ari mirongwitandatun'abiri ni yashira, Mesiya azokurwaho, kandi ntawuzomusubirira mu gishingo, maze Segaba wundi azoza,abantu biwe bazosangangura igisagara n'ahantu hera;arikw'iherezo ryiwe azotembanwa n'umuvo; kand'intambarazizorinda zishitsa no kw'iherezo; ubugesera bgashinzwe kobuzotera.«A…» Ubu mwibuke, aho, ni iherezo ry'intambara. Babishize ku kibaho,ngaha - «A», ubu rero dutanguye ikindi kintu.Kand'azosezerana na benshi isezerano rikomeye kumaraiyinga rimwe: ni ryagera hagati azokurah'ibimazin'amashikanwa; ugeseza azoza kw'ibaba ry'ibizira;

maz'ubuyobe (ni ukuvuga vyose) buzosukwa kur'uyo ageseza;gushitsa ku muhero washinzwe.

22 Oh, mbega icirwa! Uwundi musi, nabariye umutambukanyi wanje nti:«Jewe sinzi nimba abantu batahura koko». Nshaka vy'ukuri kw'ahomuhatahura. Nti…Namba bikwiye ko mu, ko tuguma aha umusi wose,turaguma aha. Aha, du-du-du-dushaka gutahura. Murabona? Du- dushakakumenya ko ari ukuri. Kandi mwebwe…iyo gusa muba mwashoborakubibona ! Kandi kumbure ngiye gusaba…42. Maze hanyuma, ndaja gusiga iki gicapo kimanitse ngaha. Kandimushobore kucimura, mu nyuma. Muze kuri uno muhingamo, ahomushakira, muce mwimura ibicapuye n'ibindi. Ivyo bizobafasha gutahura.Ni co catumye ndagishira harya, kugira ngo mutahure.

23 Ubu naho tuvuge mu ncamake gatoya gusa, kugira turonke urufatiro.N'uko hariho… Daniyeli yari arajwe ishinga n'ivy'ubwoko bwiwe ; mubisanzwe, yari yarasomye uwavugishwa n'Imana Yeremiya, kandi yariyatahuye ko Yeremiya yari yaravuze ko bazoguma mu buja kumara imyakamirongo irindwi. Kandi, aho, yabonye ko hari hamaze gushira imyakamirongo itandatu n'umunani bari mu buja. Aho rero yari azi ko igihe caricegereje. Ni co catumye ashira ku ruhande ivyo yakora vyose, twovuga koyaciye ahagarika imirimo yiwe yose ya buri musi. Aca ahindukiriza amasoku Mana, yambara igunira yisiga n'umunyota, aca atangura kwisonzesha nogusenga, mu ntumbero yo kumenya aho ico gihe kizoshikira. Kandi nyuma,turabona, nk'uko namaze kubivuga…[Mwene Data Branham ariko avugana n'umuntu bari ahavugirwa ubutumwa- U]. Woshobora kugihindukiza gatoya, kuri uru ruhande, gatoya gusa.Icuma gitanga akayaga kirazunguruka n'ingoga cane, bituma nsarara. Ahorero… urakoze mwene Data.

24 N'uko, turabona ko Daniyeli yashaka kumenya ivyo bintu kuberaubwoko bwiwe. Kandi nibaza ko Daniyeli, asomye ivy'abavugishwan'Imana bamwitangiye imbere akongera agatahura ko yari yegereje iherezo,yaciye atangura kurondera Imana kugira ngo amenye ukuntu iherezo ryariryegereje cane ubwo rero nibazako mu gihe tubona ko ubu turi ku mperay'urugendo birakwiye, ko twiyambura iyi si bo n'imyitwarariko y'ivy'ububugingo, atari kwambara amagunira n'ukwisiga iminyota, kugira turondereImana, tubashe kumenya aho umwaka ugeze kuko turabona ko turikw'herezo. Kandi kugira ngw'ishengero ryiyegurire kwisonzesha no gusenga, ribashe kwitegura. Ni kubw'ivyo nihaye igikorwa co ku…Sinarinzi insiguro noha ibi; kandi koko igihe cose nabishira ku ruhande, mvuganti : «Ya mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli», kubera ko ntabashakubitahura. Kandi ni kubw'ivyo ubu, nihaye kugerageza kubisigura. Kandinibaza ko Umwami amfashije, ndaja gushobora kubikora, kubw'ubuntubwayo, ndabuzana ku buryo… ndabereke uko twegereje Ukuza kw'Umwami.

25 Ubu rero, Daniyeli, yari asigaranye imyaka ibiri itarenga. Kanditurabona yuko, mu gihe yariko arasenga, umumarayika Gaburiyeli yarajekuri we yihuta cane ; kandi ntiyamusiguriye gusa igihe ubwoko bwiwe bwarikuva mu buja, ariko yaramubwiye kandi n'ivyari vyarashingiwe ubwokobwiwe vyose, ivyari

bisigaye vyose gushikira ubwoko bwiwe. Yavuze ati :«Haracasigaye amayinga mirongo irindwi kubw'Abayuda.» Kandi turabona ko yari azanywe n'ibintu bitandatu. Kimwe muri vyo,kwari uko ibicumuro bishira, nuko ivyaha birangizwa ; nuko ibigabitanyobitangirwa impongano, kuzana ukugororoka kutazoshira ; nuko ivyoyeretswe n'ivyavugishijwe n'Imana bimatanishwa ishashara idomwemwoikimenyetso, n'Ahera cane harobanuzwe amavuta. Kandi ku w'iyinga ushize, mu gitondo twaravuze kuri Daniyeli, mu giheyariko arasenga ; ku w'iyinga ushize ku mugoroba, twaratanze imirongo yomu Vyanditswe, kugira ngo abantu babashe gusoma bamaze gushika imuhira. Mwarabisomye ? Mwarabikunze ? Ni vyiza cane ! Ni uko rero, izo ntumbero zitandatu. Kandi turabona ko intumbero igiragatandatu, «Ahera cane harobanuzwe amavuta», turabona ko «Ahera cane»hamye herekana Ishengero, Ihema. Kandi ikintu ca nyuma categerezwagukorwa, kwari ukurobanuza amavuta Ahera cane, ni ukuvuga rya Hema ryomuri ya nganji y'imyaka igihumbi, iryo Azobamwo muri ya nganji y'imyakaigihumbi, iryo Azobamwo muri ya nganji y'imyaka igihumbi, iyo tuzobamwo.

26 Ni uko, kandi uyu musi, hano dutanguye, «Ya mayinga mirongo irindwini ayahe ?» kandi ni igice gihambaye cane, ayo mayinga mirongo irindwi.50. Nkako, turazi ko Ivyanditswe bidashobora kubesha. Bitegerezwa kubaUkuri. Aho rero, namba uwo mu malayika Gaburiyeli yaje kubarira Daniyeliko Abayuda bari basigaranye amayinga mirongo irindwi atarenga…Ni uko, twebwe, twokwiyumvira ko ari amayinga agizwe n'imisi itandatu… cankeagizwe n'imisi indwi. Kimwe gusa mu vyavugishijwe, vyama bivugwa mumigani. Kandi rero nta gukekeranya ko uko ibihe vyagiye bikurikirana,habayeho abantu amajana n'amajana, abanyabwenge, abagabo b'abahangabagerageje gusigura ayo mayinga mirongo irindwi ivyo ari vyo. Narasomyevyinshi banditse bavuga kuri ivyo bintu. Kandi ndashimira caneumushingantahe Smith wo mw'ishengero ry'abadivantiste, ku coyabivuzeko. Ndashimira cane na Dogiteri Larkin, ku co yabivuzeko.Ndashimira abo bantu bose b'abahanga ku kintu bavuze kuri ivyo bintu.Kandi kubwo kubisoma, biramurikira cane, nsanga harimwo ibisa n'uko arivyo. Ariko kugira nige ku bintu nari niyumviriye kuvugako, nagizeubushakashatsi ku vyerekeye «igihe», muri kazinduzi kugira ngo menye icoari co «igihe».

27 Kandi turabona ngaha, ko hariho «igihe, igihe, bo n'igice c'igihe».Igihe, ni iki? Iyinga ni iki? Ubu rero haraheze imyaka ibihumbi bitatun'amajana ane ivyo bibaye, kuva aho, kuva aho Imana yatangura gukoranan'Abayuda; haraheze imyaka myinshi. Daniyeli, hari imbere yuko YesuKristo avuka, ico gihe, hari mu 538 imbere yuko Yesu Kristo avuka; imyaka538 imbere yuko Kristo avuka, avuze ku «igihe, igihe, n'igice c'igihe.»Kandi amayinga mirongo irindwi, nimurabe aho yari kugarukira, amayingamirongo irindwi aheze. Turabe, haheze amayinga mirongo irindwi, yari akirii Babuloni. Yamara, Imana yari yamubariye ko ico gihe ari co conyene caricarashiriweho ubwo bwoko.

28 Ubu abo mw'ishengero ryanje ngaha, murazi ko uko imyaka yagiyeihera, namye ndababwira nti: «Mukaba mushaka kumenya umusi wo mundwi tugezeko, murabe ikirangamisi. Ariko mukaba mugomba kumenyaibihe tugezemwo, ni muce muraba Abayuda». Ni yo saha yonyene. Imanantiyagereye igihe kanaka abo mu mahanga. Nta kiringo cashinzwe kiriho.Ku bwanje aho ni ho abanditsi benshi bakomakomeye bitiranirije ibintu,bagerageje kuvyitirira Abayuda n'Abanyamahanga mu mwanya umwe, kukoyavuze iti: «Ubwoko bwanje». Ariko yariko ibarira Daniyeli, Abayuda. Iyoiba yabariye ishengero, nta kintu ciza cari kuvamwo; mu - mwosanze murikure muri kahise, mbere hoba ari imbere y'Ukuza kwa Kristo. Vyabayevyaraheze, tutiriwe turaraba amayinga y'ivyavugishijwe mwobishiramwo.Vyobaye vyaramaze kurangana. Ariko Abayuda nibo yariko arabwira, ni ukuvuga rero ko isaha y'Imana, ari Abayuda.

29 Muribuka, nta gihe kinini gishize, ngaha, aho mwene Data Arganbright,wo muri Californie, icegera c'umukuru w'Ishirahamwe Mpuzamakungury'Abikorera utwabo b'Ubutumwa bwiza bwuzuye, yaza i wanje kandiakanzanira i -kaseti, oya, si ikaseti, ariko ni filime, baka…Isasita y'ijorozibura itatu. Yari yakozwe nk'icegeranyo c'ivyarondewe bijanye n'ubwobushakashatsi. Aho nabona abo Bayuda bariko barataha barasubira iYerusalemu, naciye nza ngaha mw'ihema, maze nca ndavuga nti: «Numvameze nk'uwongeye gukizwa.» Benshi muri mwebwe baravyibuka. Navuzenti: «Kubona abo Bayuda bariko baragaruka!» Yesu yaravuze, muri Matayo,mu gice ca 24 ati: «Iyo mubonye umusukoni utotahaye.» Murazi ico mucamwitega, murabona, iyo Abayuda bagarutse!

30 Nuko, nanditse ivyitegerererezo bimwe ngaha. Nashaka kubifatirako.Neza, ngaho, ndaja kubifatira umwanya kugira ngo, na mwebwe, mushoborekuvyimura. Ubu ivyo vyose, bishika, ivyo…Ubu, tu…Muri iki giheturimwo. Ubu ivyo vyose bishika ubu… Vyerekeye Abayuda; nta co bipfanan'Ishengero. Ibivugwa vyose uhereye mu gice ca 3 c'Ivyahishuwe gushikaku gice ca 19, nta kintu na kimwe bipfana n'ishengero. Nta na kimwec'ukuri mwoshikako nk'ico. Nta kihari namba. Ubu rero nashaka gusigura ingene natoye ibi. Harya, ku kibaho, benshimuri mwe, muraja kubona ko nacapuye ibiringo vy'ibihe bitandukanye,kugira ngo nerekane ingene bitanditse mu biringo vy'ibihe, ku buryo uwo ariwe wese ashobora gutahura. Mbega mu… ntimutegerezwa kubona, inyuma,ndibaza, vyanditse ari bito bito cane. Ni inyandiko ya Becky. Niyumviriye…Kandi igicapo, nari nagize kirusha ububi ico. Ariko Becky ni we yagicafye,igishushanyo c'inzozi za Nebukadineza. Kandi, Becky, jewe mbona ko gisan'umwigeme aho gusa n'umugabo. Ariko, ivyo ari vyo vyose, kiraja-kirajakugira ico kitumenyesha, ivyo dukeneye.

31 Nuko, iyo rero dusomye muri Bibiliya ko amayinga mirongo irindwiyagerewe ubwo bwoko. Yamara… ibi

nta co bisa bisana n'Ishengero. Ayamayinga mirongo irindwi nta co asa asana n'Ishengero. Muravye ngaha, kugicapo, nahagatije igihe c'ishengero hagati muri ya mayinga mirongoirindwi. Turagifise hano. Mwene Data umwe wo muri Georgie yakiducapiyengaha, aho twiga ku bihe vy'ishengero. Kandi nta nkeka ko dushoboragutahura ico bisigura. Aha hera mw'ishengero, ngaha, bisigura ko hose cari igihe c'intumwa. Mu nyuma, mu gihe kigira kabiri c'ishengero, baciyebaronka inyigisho y'aba Nikolayiti, canke, baciye bakora ibikorwa vy'abaNikolayiti; ntiyari bwabe inyigisho. Mu gihe kigira gatatu c'ishengeroyaciye iba inyigisho. Kandi mu gihe kigira kane c'ishengero, baciyebayigiramwo idini, maze haciye haba aba papa b'i Roma. Kandi mu gihekigira kane c'ishengero, cari igihe c'umwiza. Muravye iki gice cose c'umwiza, aho cerekana inyigisho z'abaNikolayiti, canke inyigisho z'uburoma. Igice cera cerekana Mpwemu Yera,Ishengero. Mu ntango zaryo, mu gihe c'uwera Paulo, Ishengero ryosery'intumwa ata wubuze ryari ryuzuye Mpwemu Yera. Hanyuma, abatunzibaca batangura kwinjira. Kandi uruburuhiro bariyunze, maze ivyo bacababikoramwo ishengero risa n'aho ari rishasha. Kandi agashengero gato karigasigaye, barabaturiye, babicisha amabuye barabagaburira intambwe, n'ibindi.

32 Mu gihe c'ukuringaniza ukundi gusha ivyo gusenga, agaco gacakariyongera, murabona. Mu misi ya Wesileyi, hariyongereyeko umuco.Ariko mu gihe ca nyuma c'Ishengero, ngaha, igihe c'ishengerory'abanikolayiti, ni igihe tu…oya si igihe c'abanikolayiti, ni igihe tu…Oyasi igihe c'abanikolayiti, ahubwo ni igihe ca Lawodikiya, ni igihe turimwo.Namba mubibona, nta muco mwinshi uriho. Umuntu umwe, abonye igicapo kimanitse harya, yavuze ati:«Mwategerezwa kugira isoni, mwene Data Branham. Kino gihe gikomeyec'umuco!» Naciye mvuga nti: «Nibaza ko igosora rizobera…» [Mwene DataBranham araruhutse - U] «Biguma biri musi y'ivy'ivyukuri; hamwe twofataabafise umutima vy'ukuri utanduye, bavyawe ubwa kabiri na Mpwemu.»Mwibuke iki gihe, mu bihe vyose, ni co conyene Kristo yirukanywemw'ishengero ryiwe bwite. Hari ivyirato vyinshi, ariko none hari ivyodutunze, ng'ico ikibazo. Kristo yoba koko ari mw'ishengero? Vy'ukuribazoba ari inkehwa.

33 Nuko, ubu, turabe aho ayo mayinga mirongo irindwi ya Daniyeliaherereye. Ubu rero ngira nongere mvuge ibi: mwa bavugabutumwa mwe,namba mutemera ibi, ntaco. Agabuye mu biringo bitatu, nk'uko tubibonamuri Daniyeli 9. Ibiringo bitatu. Ubwa mbere, ikiringo c'amayinga indwi;hanyuma, ikiringo c'amayinga mirongo itandatu n'ayandi abiri, ni ukuvugamirongo itandatu n'abiri; hagaca habaho kandi ikiringo c'indwi imwe.Agabuye mu biringo bitatu bitandukanye. Ubu rero ikibaho nagiciyemwo ibice, Ikiringo ca mbere, ikiringo cakabiri, kandi bijanye n'uburyo ndabitahuramwo, biciye mu butumwa bwiza,bivuye kuri Mpwemu Yera, mu gihe c'iherezo, Imana irongera ikagaruka kuBayuda. Yamara turazi yuko, biciye mu butumwa bwiza bwose, ubwo Paulon'abandi bigishije, Imana igiye kwongera kugaruka ku Bayuda. Aho rero,namba itegerezwa kwongera kugaruka ku Bayuda, ivyo dushobora kubishiragute mu gihe ca Daniyeli? Ni ukubishira muri iki gihe ca nyuma. Kandibishika inyuma y'ukuduzwa kw'Ishengero ryo mu banyamahanga, kukoIkorana na Isirayeli nk'ihanga, kandi igakorana na twe umuntu ku giti ciwe.

34 Ubu ndafise ivyo nanditse hano, ivyo nashaka kubasomera uko tugendadutera imbere. Nuko: … icagezwe kizoshingirwa co…kwubaka Yerusalemu. Ivyo, vyabaye ku wa 14 mu kwezi kwa gatatu. Namba bamwe murimwebwe bashaka kuvyandika, mu giheburayo, muzobona ko ari ijambo N-is-a-n, Nisan, gisigura «Ukwezi kwa gatatu». Icagezwe cashizweho ku musiwa 14 w'ukwa gatatu, wo mu mwaka wa 445 imbere y'ukuvuka kwa YesuKristo, icagezwe co kwubaka carashizweho, co gusanura urusengero.Mwasomye ivyanditswe, ubu rero murabitahura. Kugira birangire, vyasavyeimyaka mirongo ine n'icenda, kugira ngo buzuze urusengero n'igisagara,kubisanura. Kandi ngaha muri Bibiliya havuga ngo ni Daniyeli avuga, cankeUmumarayika ni we abwira Daniyeli ati:…impome, kandi vyosubijweko mubihe bigoye. Kandi benshi muri twebwe, turavyibuka, igihe c'ukwubaka, ukubokokumwe bagufatisha umwiko, ukundi na kwo inkota, kugira barerekeumwansi. «Kandi vyasubijweho mu bihe bigoye.»

35 Ng'uku rero uko nashitse kur'ibi, ingene natoye ibijanye n'imisi. Neza,turafise ibirangamisi bibiri, bitatu bidasa. Hamwe twofata ikirangamisi cakera cisunga inyenyeri, aho rero turabona ko, mu kirangamisi citiriwe Julien,hari imisi amajana atatu na mirongo itandatu n'itanu bo n'ica kane c'umusimu mwaka. Baharuye ivyo bisunze igihe ikinyenyeri citwa Sardes n'izindinyenyeri vyarengana, bo n'ibindi. Ivyo barabiharuye. Kandi, turabona ko,mu kirangamisi c'Abaroma, gikoreshwa ubu, ko hari imisi amajana atatu namirongo itandatu n'itanu mu mwaka, twisunze ico kiranga misi c'Abakristo canke c'ivyavugishijwe, turabona ko hari imisi amajana atatu na mirongoitandatu ku mwaka. Ubu, kumbure mwokwibaza iyo urwo rwijiji rwavuye.66. Ubu, ico ngiye kuvuga ngaha, ndashobora kukivuga ndacigeneye.Ndibaza ko haheze igihe kirekire, imbere y'umwuzure, mu gihe ca Yobu,n'ibindi, baharura igihe bakurikije inyenyeri. Kandi turatahura, canke,imbere y'ico gihe, ko isi yari ihagaze neza. Nyuma, kubera icaha c'umuntu,isi yaciye ihengama, yarataye umurongo wayo, maze haca haba umwuzure;ni kubw'iyo mvo dufise amazi y'ibibuyebuye binini binini n'ibindi, kandikw'isonga no munsi y'isi hose hatwikirijwe n'amazi yabaye urubuyebuye.Turabizi. Kandi isi ntitumbereye, irahengamye. Ukunyiganga kwayitumyeita ikibanza cayo, ico barabiramwo ukwezi bo n'ibinyenyeri, muri ico gihevyari vyataye ikibanza. Canke ntibari bagishoboye kuvyishimira muguharura ibihe, kuko ihengamiye ku ruhande, irahengamye. Ubwo rero,ntidushobora kubona inyenyeri mu mwanya umwe, kubera koidatumberanye n'ibinyenyeri. Murabitahura? Ndizera ko ari uko biri.

36 Iri muri iyo mero, irahengetse. Kandi ico vyerekana cose, n'uko ubu, ariikiringo gusa kiri mu gihe. Mbega ntimubibona? Imana ntishobora kugiraibintu bidatumbereye. Irabireka gusa bikamara igihe gito. Kandi ndibaza muvy'ukuri ko ari ivyo vyashitse.Kandi muri iyi misi ya nyuma ni ho Imana izohishurira ishengero ayamabanga. Ivyo ntiyabikoze mbere. Kandi namba itabikoze, kwariukugirango Ishengero ribandanye kuba maso no gusenga umwanya wose,ritazi igihe ivyo bintu bizoshikira. Yamara, muribuka, muri Daniyeli (igiceca) 12, yavuze iti: «umunyabwenge azotahura,…ku wa nyuma, muri iyi misiya nyuma.» Murabona. Ivyo yarabihawe.68. Impwemu y'ubwenge yinjira mw'Ishengero kugira imenyesheIshengero, biciye mu guhishurirwa na Mpwemu Yera, Irinjiza Ishengero,maze Igaca ihishura igihe turimwo. Nka kurya Gaburiyeli yaje kuri-kuriDaniyeli, Mpwemu Yera araza mw'Ishengero mu misi ya nyuma, kubwoguhishura ivyo bintu bihambaye vy'akabanga, vy'i bwina. Mbega ubumuratahura? [Ikoraniro rivuze riti: «Amen» - U]

37 Ariko ico ni co gikuramwo ikirangamisi cisunga ivy'inyenyeri, cankeumwaka…ikirangamisi citiriwe Julien, murabona, umwaka nk'ukoabaframaso baharura bafatiye ku guhengama kw'isi. Twese twaravyizekw'ishure. Yarataye ikibanza, ni ukuvuga rero ko ibinyenyeri bidatumberanan'isi mu gihe kimwe. Rero, n'ikirangamisi c'Abaroma, na co nyene, si ic'ukuri, kuko badashobora gutondeka imisi. Vyukuri noshobora kuvugaibintu vyinshi ngaha. Ni uko tubona, kandi ivyaremwe ubwavyobirabitwigisha ko hari imisi mirongo itatu, itarenga mu mwaka.70. Ubu rero dufate Ivyahishuriwe Yohana, aho dutegerezwa kuja, hariya,mu misi ya ba bavugishwa babiri. Bibiliya ivuga ko «bavugishijwe imisiigihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu». Yamara iyo mubamwafashe ikirangamisi cisunga ivy'ibinyenyeri, ntivyoruha binakwizaimyaka itatu n'igice. Kandi hamwe mwofata ikirangamisi c'ikiroma dufiseuyu musi, mwoba mwihenze cane. Ariko fate ikirangamisic'ivyavugishijwe, kirimwo neza na neza imisi igihumbi n'amajana abiri namirongo itandatu. Muharura imisi mirongo itatu mu kwezi. Murabona?

38 Twebwe, dufise imisi mirongo itatu mu mezi amwe amwe, imisimirongo itatu n'umwe mu kwezi gukurikira, umwe umwe mirongo ibirin'umunani. Murabona, twebwe, biravangavanze. Ariko, ku Mana,ntibicumbagira, hejuru, hasi, hamwe i bubamfu, ahandi i buryo. Kuri Yo,vyama bimeze co kimwe. Ego, mushinganta. Vyama bimeze kumwe, imisimirongo itatu mu kwezi; si mirongo itatu, canke ikindi kintu. Murabona?Yamara ivyo vyose vyakozwe hisunzwe integuro ihambaye y'Imana, kugirango Ishengero ribandanye kuba maso no gusenga, ryame ryiteguye,imyambaro yanyu ibe imesuye mu maraso ya wa Mwagazi w'intama. Ariko,oh muri iyi misi ya nyuma, yarasezeranye! Ego. Ubu turabona igiheturimwo. Yamara, mwibuke, intumbero, intumbero imwe rudende, harikubw'ivyo.

39 Nuko, rero, iyo haba hari indwi…Nimurabe, haciye neza na neza imisimirongo ine n'icenda… ahubwo ni imyaka mirongo ine n'icenda,urusengero rwamaze rwubakwa. Ya mayinga ndwi, ni amayinga ndwiy'ubuvugishwa, amayinga ndwi, amayinga kugira ngo urusengero rwongererwubakwe. Kandi rwubatswe neza na neza imyaka mirongo inen'icenda.Ubu rero turafise insiguro 'igihe c'amayinga, kuko namba Bibiliyayaravuze, namba Umumarayika yaravuze ko hokenewe amayinga ndwikugira ngo urusengero rwubakwe, kandi bikaba vyasavye neza na nezaimyaka mirongo ine n'icenda kugira ngo urusengero rwubakwe, uhereye kuwa 14 ukwezi kwa gatatu gushika muri 538 imbere imbere y'ukuvuka kwaYesu Kristo, kugira ngo urusengero rusubire kwubakwa, kandi n'iminyuroisubire gucibwa, neza na neza imyaka mirongo ine n'icenda. None,tubitahuramwo iki? Tubitahuramwo iki? Namba rero amayinga ndwi,yerekana imyaka mirongo ine n'icenda, iyinga rimwe rero ringana n'imyaka ndwi, kandi indwi kugwiza ndwi bitanga mirongo ine n'icenda. Ni ukonyene biri. Ni uko.

40 Nuko ubu rero, ntitukiri mu bigereranyo. Ubu turazi ko iyinga rimweryasigura imyaka indwi. Mwabitahuye? Tubivugire hamwe twese. [MweneData Branham bo n'ikoraniro bariko bavugira rimwe - U] «Iyinga rimweringana n'imyaka ndwi.» Ubu rero turazi ko twatahuye. Iyinga rimweringana n'imyaka ndwi.74. Ng'aha rero aho tugeze, iyinga rya mbere. [Mwene Data Branhamatunze urutoke igicapo kiri ku Kibaho -U]. Imyaka mirongo ine n'icendakugira ngo urusengero rusubire kwubakwa. Akarongo ko hejuru, gaca harya,kerekana ihanga ry'Abayuda. Nta kindi Atari igihe gusa. Kandi iyokamanutse, harya, n'uko tuba tuvuye mw'ihanga ry'Abayuda kugira twinjiremu gihe c'abanyamahanga. Hanyuma gaca kaduga kugira gasubiregutangura Abisirayeli, maze, maze kakabandanya.

41 Yamara abo mu mahanga, nta gihe bashingiwe. Havugwa gusa ngo:«Igihe c'abanyamahanga.» Turabona ko na Yesu ubwiwe atabagereye igihe.Kuko turabona ngaha muri Luka 21: 24, ko Yavuze ati: «Bazosiribangaimpome za Yerusalemu, kugeza aho abanyamahanga…» Ndajakubibadondagurira. Nariko ndabivuga uko ndavyibuka gusa. Ngirandabibasomere, kuko bija gushirwa aho, kandi rero dushaka kumenya nezako tubivuga uko biri. Vyoba vyiza cane dushoboye kuzingurura muri Luka 21:24. Ivyo naravyizeko neza uko nshoboye, kugira ngo vyumvikane neza.Bazokwicwa n'ubugi bw'inkota, bazojanwa… ni bande ariko aravuga?Abayuda. Kwari ugusamburwa kw'urusengero mu mwaka ugira 70 inyumaya Yesu Kristo. …bazojanwa mu mahanga yosear'inyagano,…Nimuvyibuke, aho, si i Babuloni gusa, si i Roma gusa, arikoni mu «mahanga yose». Aho ni ho Abayuda bari uyu munsi, mu «mahangayose». … kandi i Yerusalemu hazosiribangwa n'abanyamahanga kugezaah'ibihe vy'abanyamahanga bizoshirira.

42 Nuko rero hariho igihe cagezwe, ariko nta muntu n'umwe azi igihebizobera. Murabona ? Ni akabanga, murabona, igihe c'abanyamahanga.Yamara Abayuda…Ni ukuvuga, ntidushobora kumenya igihe turavyeIshengero, ko ryasubiye inyuma, canke ko ritera rija imbere, canke ku vyorikora. Dufatiye aho

ntitwobimenya. Ariko ni murabe Abayuda, ng'icoikirangamisi c'igihe. Murabibona? Bo, Imana yarabashingiye umusi, isahan'igihe ntabanduka, ariko ntiyigeze ibikorera namba abantu bo mu mahanga. Yabikoreye Abayuda, twihweze rero Abayuda, ubwo rero niho tuzocatumenya aho tugeze. Nuko, amayinga indwi, yari imyaka mirongo ine n'icenda. Ubu rerotwatahuye neza ko iyinga rimwe, ari - iyinga rimwe, ni imyaka ndwi ; rabeiyinga rimwe ni imyaka indwi.

43 Ubu rero, twabwiwe yuko «uhereye igihe icagezwe cashingwa…» Uburero, aha ni ho ibintu bikomerera. Ubu rero turabwirwa ngo : «…Uhereyeigihe icagezwe kizoshingirwa co…kwubaka igisagara gushika kuri Mesiya(kandi Mesiya yari Kristo, birazwi), hazocah'amayinga ndwi; mazehabeh'ayandi mayinga mirongwitandatu n'abiri (ari vyo bica bitangaamayinga mirongo itandatu n'icenda) ; …Murabona ? Nuko. Kandi indwikugwiza mirongo itandatu n'icenda, bitanga imyaka amajana ane namirongo umunani n'itatu. None ubu muriko muravyandika ? Mukabamushaka ko ndabisubiramwo, ndabikora n'umutima mwiza.» Rero, tubwiwe yuko «uhereye igihe icagezwe kizoshingirwa cokwubaka igisagara gushika kuri Mesiya, hazoca indwi» (indwi, ico ni icambere, ica mbere ngaha), «amayinga ndwi, na mirongo itandatu n'abiri,»bitanga, mirongo itandatu na kabiri guteranya indwi ; bitanga mirongoitandatu n'icenda, amayinga mirongo itandatu n'icenda. Indwi kugwizamirongo itandatu n'icenda, vyotanga imyaka amajana ane na mirongoumunani n'itatu. Ni co gituma, kugeza kuri Mesiya…Ubu tugeze aha muriiki gice. Kugeza kuri Mesiya, hategerezwa guca imyaka amajana ane namirongo umunani n'itatu, imyaka amajana ane na mirongo umunani n'itatu.

44 Yamara, yamara Yesu, Mesiya, yinjiye mu gisagara ca Yerusalemu, mumpundu, yicaye ku nyana y'indogoba y'igitare, ku w'iyingaw'ibisandasanda, ku wa 2 w'ukwezi kwa kane, umwaka wa 30 inyumay'ivuka rya Yesu Kristo, Yesu yinjiye muri Yerusalemu ku w'iyingaw'ibisandasanda mu mwaka wa 30 inyuma y'ivuka rya Yesu Kristo. Kandiubu, uhereye muri 445 imbere y'ivuka rya Yesu Kristo gushika mu 30inyuma y'ivuka rya Yesu Kristo, hari neza na neza imyaka amajana ane namirongo irindwi n'itanu.81. Ariko nk'uko twamaze kubibona, ya mayinga mirongo itandatun'icenda, atanga imyaka amajana ane na mirongo umunani n'itatu. Aho niho ibintu bikomerera, aho nyene. Murabibona ? Turafise gusa, hamwetwokwishimira ivyanditswe muri Bibiliya, ngaha, igihe, imyaka amajana ane na mirongo irindwi n'itanu gusa. Kandi mu bisanzwe, ari imyaka amajanaane na mirongo umunani n'itatu, hariho ugusigana kw'imyaka umunani.82. Yamara ku Mana, ntibishobora guhusha intumbero. Namba yavuze kohazoca igitigiri kanaka c'imisi, ni ico gitigiri c'imisi nyene kihaca. Nambayavuze kugera aha, ni ukugera aha nyene. None, dukore iki ? Imyaka yokuva mu 475 imbere y'ukuvuka kwa Yesu Kristo kugeza mu 30 inyuma yaYesu Kristo, ni imyaka yo mu kirangamisi citiriwe Jules Cesar cankeyisunga ivy'ibinyenyeri, ifise umwe umwe imisi amajana atatu na mirongoitandatu n'itatu n'ica kane c'umusi. Yamara tugarukanye iyo misi kukirangamisi cacu c'ivyavugishijwe…

45 Ubu, ngira mpagarare, ngaha, akanya gato. Kugira ngo mubashekumenya ata gukekeranya na gukeya, sinafashe gusa urya murongo umwe.Ndashobora kubifata nciye mu Vyanditswe vyose maze nkabereka ko imisindwi ari, ko indwi, ko iyinga, ari - ari imyaka ndwi, muri Bibiliya. Mpejejekubikora, mu gufata Ivyahishuriwe Yohana, igice ca 13, ahubwo, igice ca 11ku murongo wa 3. Abo bavugishwa bazovugishwa imisi igihumbi n'amajanaabiri na mirongo itandatu, ariho hagati na hagati mw'iyinga rya nyumary'Abayuda ; hanyuma y'aho, baca bakurwaho, hagaca hakurikiraHarumagedoni. Namba biri uko rero, n'aho nyene, bitanga neza na nezaimisi mirongo itatu ku kwezi. Murabibona ? Rero, si - si imisi mirongo itatun'umwe na gato canke mirongo ibiri n'umunani, n'ibindi n'ibindi. Ni nezana neza imisi mirongo itatu ku kwezi, igihe cose.

46 Ikirangamisi cacu c'ivyavugishijwe kitugarukana ku misi amajana atatuna mirongo itandatu, ico turiko turakoresha muri kano kanya duciye muVyanditswe. Ni vyo biduha neza na neza amajana ane na mirongo umunanin'itatu. Ng'iyo amajana ane na mirongo umunani n'itatu. Ng'ico kokoikimenyamenya c'ivyavugishijwe, neza na neza ukuri. Nkako, uhereye igihehavugwa ivy'ukwubaka urusengero kugeza rusambuwe, aho bashiburaKristo bakamwica mu 33 inyuma y'ivuka rya Yesu Kristo, igihe Kristoyicwa, bitanga neza na neza imyaka amajana ane na mirongo umunanin'itatu. Kandi, uhereye igihe icagezwe casohoka co gusubira kwubakaYerusalemu, amayinga ndwi yagerewe ivyo, ni ukuvuga imyaka mirongo inen'icenda. Kandi vyatwaye neza na neza imyaka mirongo ine n'icenda. Rero,kuva kw'iyubakwa ry'urusengero kugeza kuri Mesiya haciye imyakaamajana ane na mirongo itatu n'umunani. Rero, amajana ane na mirongoita… imyaka amajana ane na mirongo itatu n'ine. Kandi amajana ane namirongo itatu n'ine. (Kugwiza), mirongo ine n'icenda, bitanga neza na neza imyaka amajana ane na mirongo umunani n'itatu… Bigwamwo neza na nezaata kwihenda, nta kirenga ku musi, itariki ku yindi. Amen. Ng'ivyo.

47 «Mesiya, Segaba, azoza.» Murabibona? Indwi kugwiza mirongoitandatu n'icenda, bitanga amajana ane na mirongo itandatu…na kane namirongo umunani na kane. Bigwamwo neza na neza. Turazi rero neza cane,turazi ata kwihenda kurimwo yuko uyu murongo w'Ivyanditswe ari wo. Ukoni ko biri. Ariko, murabona ivyo…vyose…86. Igihe Imana yarimbuza amazi isi y'ibere y'umwuzure, maze igahinduraikirangamisi cisunga ibinyenyeri; hanyuma ikareka Abaroma ngo bazegukora ikirangamisi cabo, kandi ico, kimeze neza hamwe, hanyumakigasimba, n'ibindi n'ibindi. Nibaza ko, no muri kazinduzi nini,naravyemwo… Kandi, ndiko ndarengana, mwene Data Kenny Collins, mbega yoba arimuri iyi nzu muri

iki gitondo, Kenneth Collins? Urazi, aho wandungikiravya bitabo vyose, ya kazinduzi nini? Ivyo uravyibuka? Wari wandungikiyehafi ikamyo yuzuye. Nari nibwiye nti: «Ariko none umuntu muto nkanje ajagushobora gukoza iki ibi vyose? » Urazi, Umwami ni We yarikoarakurongora, Kenny. Harya ni ho nasanze ivyo nkeneye, harya muri iryakazinduzi ya kera: «igihe», ivyo ni vyo nariko ndigako. Kandi Becky,arabikoresha kw'ishure. Narabishize mu biro vyanje, hasi, mu cumbankoreramwo. Ubwo twaciye tumanuka, turayisohokana maze turabirondera,kandi twarabitoye neza na neza, mu birangamisi vyose vyabayeho n'ibihevyabayeho vyose. Murabibona? Hanyuma rero twarabitoye. Ng'ivyo, ni neza na neza ivyo, imyaka amajana ane na mirongoumunani n'itatu. Uhereye igihe icagezwe cashingwa co kuvyura n'icogusubira kwubaka, gushika ku gihe Segaba, Mesiya, yankwa, bitanga nezana neza imyaka amajana ane na mirongo umunani n'itatu, uravye ku kirangamisi.

48 Ubu rero, murabona, dukoresha ico kirangamisi nyene na hano. Kuko,namba Imana yarakoresheje ico kirangamisi muri ico gihe, itegerezwakugikoresha igihe cose muri Bibiliya. Si vyo ? [«Amen»-U]. Imanantihinduka. Nuko namba amayinga indwi yari imyaka mirongo ine n'icenda,amayinga ndwi aracari imyaka mirongo ine n'icenda. Iyinga, ni imyakaindwi, murabona, biratunganye bimwe vy'agahore. Kandi namba ico gihevyarahuriranye neza na neza bitegerezwa guhurirana. Amen. Oh !la la !

Binyuzuza umunezero. Oh, nda - ndakunda kuvuga ivyo nzi. Nda - nda -ndabikunda. Ni nka wa mutama, yambwira, hariya muri Kentucky, yavugaati : «Ndakunda kwumviriza umuntu avuga ivyo azi.» Nca mvuga nti : «Najewe». Aca avuga ati : «Ni yo ngorane abavugabutumwa mufise, ntimuziivyo muvuga.»90. Naciye mvuga nti burya «Ndagushimiye kuri uko kunshimagiza,yamara ku bintu bimwe bimwe, tuba tuzi ivyo tuvuga.» Ego. Ni ivy'ukuri.Ndazi yuko navutse ubwa kabiri. Ndazi ko hariho Imana, kuko twavuganye.Yaravuze iciye muri jewe, yaravuganye nanje, yaravuganye n'abandi,yarambariye ibintu ku bandi bantu. Kandi ndazi ko ari Imana, ni ivy'ukuri.Vyarayihimbaye kumanuka maze iremera bayifata amasanamu turi kumwe,kandi ivyo, abantu b'abahanga ntibashobora kubihakana. Kandi narafasheIvyanditswe, maze ndabona ko ibi, bishitsa neza na neza iki gihec'Ishengero, ibiriko birashika, neza na neza, ndazi rero ko aho ariho tugeze.Amen.

49 Ni uko, kumbure ntitwize. Kumbure ntituri abantu bahambaye, n'ibindi.Kumbure ntituri abantu bakuru bakuru, ariko ikiriho ni uko tuzi Imana.Turayizi kuko hariho Mpwemu Yera, murabibona ? Kandi bikaba bihuje,Ijambo ku rindi, biciye mu Vyanditswe vyose, duca tumenya ko ariivy'ukuri. Turi mu misi ya nyuma. Ubu rero, harya, ubu rero mwibuke ko uyo mwaka w'ivyavugishijwe,ugizwe n'imisi amajana atatu na mirongo itandatu ku mwaka. Murabeibisigaye vyose. Ivyaremwe, namba bamwe muri mwebwe bashoborakubitahura, no ku bagore, n'ibindi. Murabibona ? Mirongo itatu, imisimirongo itatu, iyo gusa, murabibona, ni - ni …Ivyaremwe vyosevyashizweho gurtyo. Murabibona? Si mirongo ibiri n'umunani, canke ikindikintu. Ni neza na neza imisi mirongo itatu. Kuri buri mwaka, ico, niikirangamisi c'Ivyavugishijwe ; neza na neza imisi amajana ane na mirongoumunani n'itatu. Aho turafise ikimenyamenya nyaco c'ivyavugishijwe, imyaka amajanaaane na mirongo ine n'itanu imbere yaho, vyari vyo koko. Kandiivyavugishijwe vyose vyategerezwa gushika. Kandi ayo mayinga mirongoirindwi na yo, ntiyashitse muri ico gihe, ubu rero ivyo bisigaje gushika mumisi ya nyuma.

50 Ubu rero, bene Data b'Abapentekote, ubu rero bene Data b'Ivyabonavya Yehova, mbega murabitahuye ? Mbega murazi aho bamwe ibihumbiijana na mirongo ine na bine babonekeye ? Mbega murazi aho vya bitangazabihebuje vyo mu Vyahishuriwe Yohana vyabonekeye? Ni mu gihec'Abayuda, si mu gihe cacu. Nayo ku vyerekeye kino nta na kimwekikivugwako; uretse gusa Ishengero ryitegura maze rikigira. Kukaba nkako,dufise ubushobozi bw'Imana, turakora ibitangaza n'ivy'ubuhizi. Ivyoturabizi. Yamara ikintu c'ukuri, kiri mu Bayuda, aho nshaka kuvuga,ubushobozi bugaragara, gukora ibitangaza. Ya…ine. Bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine ntibabonekera ngaho. Bo,bari mu …Ntibabonekera mu gice ca gatatu. Baboneka kure cane muVyanditswe, hanyuma. Kandi ubu rero, turabona yuko ivyo bintu vyosevyategereza gushika bibera muri iki kiringo ca rya yinga rigira mirongoirindwi, iyinga rya nyuma. Kandi namba bamaze guhabwa amayingamirongo itandatu n'icenda kandi bakaba bayabayemwo neza na neza nk'ukoImana yari yabivuze, kandi bikaba vyashitse neza na neza nk'uko Imana yariyabivuze, harasigaye rero iyinga rimwe ryasezeraniwe Abayuda. Ubu rerobene Data, ni mwitegure. Murabibona? Murabibona? Umvirize, mazemuraja kubona ingene turi hafi yavyo. Iyinga rya nyuma, indwi, umwakaugira indwi.

51 Ubu none, kugeza hano abantu bose barabitahura namba mubitahura?Kugeza hano bose baratahura ko ari Ukuri kutagabanije. Ni Bibiliya. Niimyaka y'ivyavugishijwe.

Ubu rero twari tugeze ngaha, twarayakurikiranye kugeza igihe Mesiyayashiburiweko, murabona, i… gushika igihe Mesiya yshiburwa, iyinga ryanyuma. Ni uko, nashaka guhagarara akanya gatoya kugira nsigure bino bintu.Aho, igihe bashibura Mesiya, koko ni ca gihe banka Yesu nk'Umukiza mazebakamubamba. Muribuka ivyo Bibiliya ivuga ngaha ngo : «Kandiazokurwaho, ariko Atari kubwiwe, Mesiya, Segaba». Nimuvyiyumvire gusaukuntu ivyo vyavugishijwe vyashikijwe ata kivuyemwo. Ngomba vyukurikubibumvisha; yuko namba ibi vyavugishijwe vyarashitse kw'itariki nyayo,ku gihe nyaco, kandi neza na neza mu buryo vyari vyaravugishijwe, iri rindirigira ndwi, ayo mayinga ndwi asigaye…canke ahubwo iyo myaka ndwi(imisi ndwi : imyaka ndwi) izoshika neza na neza bihuje n'Ivyanditswe.

52 Ubu rero, nimwibuke, yarakuweho, Mesiya. Abayuda, Imana yaciyeihagarika gukorana na bo. Ntibarenze ngaho. Baciye rero bashiragizwan'Ubwami bw'Uburoma. Hanyuma kandi, namba mubona ngaha ku gicapocanje, nashaka ko mubitahura, aha, kandi ko muvyandika. Murabona ngaha,aho nashize umusaraba ? Aho ni ho bamwankiye. Ariko igihecariyongereyeko gatoya, harya, murabona. Kubera iki ? Mirongo itatu,mirongo ine, mirongo itanu, mirongo itandatu, mirongo irindwi. Imyakamirongo ine ishize, Titusi, umugabisha w'Abaroma, yarasambuye Isirayeli.Yerusalemu, maze aca asabagiza abantu mw'isi yose. Murabona, imyakamirongo ine ishize, Titusi. Ni uko, mu bisanzwe, igihe c'Abayudacariyongeyeko gushika ku…kwose. Imana ntiyari igikorana na bo. Yakoranye na bo gusa kugezabashibuye Kristo. Maze rero, aho babamba Yesu, barasemereye bati :«Amaraso yiwe araba ari twebwe akora n'abana bacu,» kandi ni vyovyabaye uhereye uwo musi. Ariko imbere y'uko basabagizwa… Umvirize !Oh, mwene Data ! Imbere y'uko basabagira bose mw'isi yose, Imanayamaze imyaka ishika kuri mirongo ine isambura urusengero nokubasabagiza mw'isi yose. Ariko Imana ntiyongeye na gato gukorana na bo.Imana ntiyongeye na gato gukorana na bo. Yaciye itangura gukoranan'abanyamahanga. Ivyo murabizi, ubu murabitahura ? Ni uko, ngaha,turatanguye ibihe vy'ishengero, igihe c'abanyamahanga ; Imana ntikirikumwe n'Abayuda.

53 Ubu, mwene Data w'umumisiyonari mu - mu Bayuda, mwene Datamukundwa ari ahantu hamwe ngaho. Ivyo ni vyo nashaka ko mwumva kandimugatahura. Murabona, ubwo nyene Imana yaciye ihagarika gukoranan'Abayuda, kuko Imana yama ikorana na Isirayeli nk'ihanga. Ivyo tweseturabizi, Isirayeli nk'ihanga. Kubo mu mahanga, bo ni abantu. Vyabayengombwa ko itora mu mahanga abantu bitirirwa Izina ryayo. Turajakubibona mu mwanya muto.

Yamara ubu, ivyo bihe ndwi vy'ishengero twizeko, igihec'abanyamahanga, uhereye ku kubambwa kwa Kristo gushika kw'iherezory'ibihe vy'ishengero. Ubu rero, ivyo twarabibonye. Twaravyize kuva kuntango gushika ku mpera. Ubu rero turashitse aho dushobora gufatavya…kwiga kuri bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, za Nzavya ndwi, n'ivyovyose, tugire ico tubitahuyeko ; ibijanye n'Abayuda vyose n'ibijanyen'urubanza Imana izocira abantu bari kw'isi. Kandi ibisigaye…

54 Nimwibuke, muri kirya kiringo gito c'agahamo, hazoba amamiliyoniy'abantu b'abanyamahaga bazopfa. Urya mugeni yashibuwe, barya, baryabo mu ruvyaro rw'umugore basigaye, inkumi yasinziriye, ni ho izoca. Bira -biratomoye co kimwe n'amayinga mirongo irindwi, biratomoye. Kandi ahobazohaca. Namba rero mudafise Mpwemu Yera, vyoba vyiza mugiyekumurondera mwihuta uko mushoboye. Turi mu gihe ca nyuma.

Ubu rero nimurabe ibihe ndwi vy'ishengero. Aho, sinirirwandavyinjiramwo kuko tubifise kw'ikaseti, kandi biriko birashirwa mu bitabo,n'ibindi. Ni igihe Imana itigeze ivuga ko ngo kizomara imisi kanakaamasaha kanaka canke imyaka kanaka ; nta na kimwe yigeze ivuga. Yavuzeiti : «Kugeza aho igihe c'abanyamahanga kizorangirira.» Yavuze iti :«Kugeza aho, inzitiro zizosiribangirwa, kugeza Imana ihagaritse gukoranan'abanyamahanga.»

55 Kandi uko ivyo bihe vyagiye bikurikirana, bagiye barondera MpwemuYera. Imana na yo, kw'itanguriro yari yatanguye kumenyesha, igihe Kristoyashiburwa, Imana yareretse Yohana neza na neza ivyari bigiye gushika mugihe c'ingoma y'abanyamahanga. Murabona, nta gihe kanaka dufisecashinzwe nk'uko bimeze ku Bayuda, ariko turafise ibimenyetso. Turafise i- turafise ikiturangira aho tugeze. Ku Bayuda, Imana yakoze neza na nezaivyo yari yavuze ko izokora muri iyo myaka mirongo itandatu n'icenda,canke, yari imyaka amajana ane na mirongo umunani n'itatu, arikoamayinga mirongo itandatu n'icenda. Kandi hasigaye iyinga rimweryashinzwe.106. Yamara rero, ntidushobora kurishira mu kibanza kiri ngaha, kukongaha ni abanyamahanga, ishengero. Ni uko, ni bangahe batahura ivyo ?[Ikoraniro ryishuye riti : Amen -U] Ni uko, ngaha, ni Ivyahishuriwe Yohana,uhereye ku gice ca mbere, kugeza ku gice ca gatatu, ari na ho duca dushikamuri Lawodikiya. Ubu rero, turabona neza cane ko vyose, ryari Ishengero,abantu bo mw'ishengero ubwabo. Imana ntiyigeze ishiramwoumunyavyaha ; we, ya… kiretse ashatse gukizwa. Ariko abantu bomw'Ishengero barera cane ; hanyuma y'ivyo haje Abanikolayiti, ari na bobashatse gukora idini. Abakuru barinjiye. Aho hari i Nikaya, i Roma, igihebagira ya Nama y'i Bikaya. None bakoze iki ? Ishengero barigize idini, maze bahera aho bahama abakristo. Hanyuma, mugihe c'ishengero cakurikiye, ibijanye n'ubukristo, kuvy'umubatizo waMpwemu Yera, vyameze nk'ibikuweho burundu.

56 Ariko raba, mwebwe, ngaha, murabizi, narasuzumye ivya kahise;Igitabo citwa Abapatiri b'i Nikaya, n'icitwa Abapatiri b'imbere y'i Nikaya,bo n'inkuru zose z'ishengero, bo n'ibitabo vyandikishije intoke vya kerakurusha ibindi nabonye, kandi kimwe kimwe muri vyo cabahayeikimenyamenya yuko ishengero Imana ivugako Atari idini rya Katolikacanke irindi dini iryo ari ryo ryose ryose. Iryo Imana yavuga, bo n'izonyenyeri nkuru z'igihe, bari abantu bigisha umubatizo wa Mpwemu Yera,umubatizo mw'Izina rya Yesu Kristo, n'ukuza kwa Mpwemu w'Imana, no -no kuvuga mu ndimi, no gusobanura indimi, n'ugukira indwara,n'ibitangaza, n'ibimenyetso. Ivyo nivyo Imana itanga. Ntishobora guhinduraiciyumviro ngo ivuge ngo: «Ng'uku uko niyumvira ko ishengero ryaririkwiye kumera: Ni Ishengero ry'intumwa. Ubu naho niyumvira ko ryobaishengero ry'abakuru. Imana ntihinduka. Iguma ari Mpwemu Yera.»

Kandi ivyo turavyitondera maze tukabizana, iyo rero tubonye kamerey'Imana bo n'ivyo ya…kandi

hanyuma turerekana Ivyanditswe vyayo. Mazehanyuma turafata kahise kerekana ko vyashitse neza na neza uko nyene.Kuri uwo musi nyene, muri uwo mwanya nyene, ivy'Imana yamenyeshejevyose icishije kuri Yohana, vyashitse muri iki gihe c'abanyamahanga.

57 Ubu rero nta gukekeranya na gukeya, turi mu gihe c'i Lawodikiya.Turazi ko ari yo turi. Twaciye mu gihe ca Luteri, turaca mu gihe caWesileyi, ubu turi mu gihe c'i Lawodikiya, igihe ca nyuma. Kandituratahura ko ishengero rimwe rimwe ryose muri ayo ryari rifise intumwayaryo. Ivyo twarabibonye. Za Nyenyeri Ndwi mu kuboko kwiwe, ari zoMpwemu Ndwi zasohotse ziva imbere y'Imana. Rimwe ryose ryari rifiseintumwa yaryo. Kandi twarabandanije turabona, muri Bibliya ingene iyontumwa izoba imeze, ingene iyo ntumwa izoba imeze. Kandi twaciye tujakuraba muri kahise umuntu yari amaze nka we. Maze rero tumaze kubonaumuntu muri kahise yari ameze gurtyo, aho ni ho twaciye tubona ko ari wentumwa y'ico gihe kanaka. Twaciye rero tubona iyo mpwemu iyo ari yo bon'ico uwo muntu yakoze. Kandi twarabonye ko yari uwera yuzuye MpwemuYera, uwera Ireneyo n'abandi bose, na - n'uwera Colomba, n'abo bagabobandi buzuye Mpwemu Yera. Kandi turazi, muri Bibiliya ko impwemunk'iyo yategerezwa kuba iri ku muntu amaze nk'uyo mu gihe, nk'ico.Amen! Icubahiro kibe ic'Imana!

58 Sindabizi mwene Data. Birankorako cane kurusha ikindi kintu ico arico cose, murabona, kuko ari Ijambo ry'Imana ryivugira ubwaryo. Iyonumvise Imana ivuze ikintu nca mvuga nti : «Amen! Ni ukuri. Ni vyo.»

Murabibona ? Ikibazo kiba gitorewe umuti. Biba biheze. «Imanayarabivuze.» Aho rero biba bitorewe umuti. Burya rero Imana yavuze kobizogenda gurtyo. Kandi twarabibonye muri kahise no mu Vyanditswe.Twama dusoma ku bijanye n'ico gihe c'ishengero, ivyo azokora, ukobizogenda, intumwa izoba iri muri ico gihe c'ishengero. «Ku-kumumarayika w'ishengero rya Lawodikiya. Ku mumarayika w'ishengero ry'iSarudi, Tuwatira,» abo bose. Kandi twama tugaruka muri kahise kugiratubone i-intumwa y'iryo shengero, kandi tukabona uwo ari we. Kandi rerotwarabicapuye, dushirako amazina yabo, none ng'ivyo. Murabona, turazi koivyo vyose vyahura.

59 Ni uko, kandi turazi ko Imana yari, yamye ; kandi uhereye kera, yamyeitemera idini. Ego mushinganta. Yarabivuze. «…Abanikolayiti, ari vyonanka». Nikao gisigura «kwigarurira» Abanyeshengero, ni abanyeshengeroni «ishengero, umubiri.» Nikao gisigura «Kwigarurira, kunesha,» mu yandimajambo twovuga ko ari «ugufata uwera ukamurutisha uwundi.» Twese turiabana. Dufise Uwera umwe rudende ni Imana. Amen ! Kandi iri hagati yacu,mu mero ya Mpwemu Yera. Ng'Uwo Uwera.

Ubu, turashitse aho tumenya ata gukekeranya, dukurikije i - igihec'Abayuda, ko twamenye ayo mayinga mirongo itandatu n'icenda ata guca iruhande, twisunze kahise, ikirangamisi, n'umwaka w'ivyavugishijwen'Imana ; twisunze kahise k'ikirangamisi c'ivyavugishijwe uhereyekw'isezerano rya kera gushitsa kuri rishasha kandi twarerekanye ko bimezeco kimwe neza na neza. Murabibona ? Ubu dufise Ishengerory'abanyamahanga, uhereye ku ntango gushika ku musi wa nyuma kanditurazi ko turi ku musi wa nyuma. [Mwene Data Branham akubise kenshiahavugirwa ubutumwa - U]. Amen ! Muratahura ? [Ikoraniro ryishuye riti:«Amen!» - U]…? … [Mwene Data Branham akubise rimwe ahavugirwaubutumwa - U]. Nuko, ubu rero, namba turi kuri uwo musi wa nyuma, kumpera y'iki gihe, none tugeze he?

60 Murabe neza, imbere y'aho, murabona akarongo gacapuye, ngaha,igihe Imana yakorana n'Abayuda… canke, ntiyakorana n'Abayuda, arikoyamaze igihe kirekire ibayobora, yafashe imyaka mirongo ine ibajana ahoizobarimburira mu mahanga yose. Aho ari ho hose mu gihec'abanyamahanga vyabaye ngombwa ko ibarongora gurtyo imbere yogushitsa Ijambo ryayo. Murabona ivyo nshaka kuvuga? [Ikoraniro ryishuyeriti: «Amen»- U]. Abatahura ivyo bose nimuvuge muti: «Amen» [Amen]Murabona, nshaka kumenya ntakekeranya yuko mutahura.

None vyagenze gute? Nimurabe hejuru y'igihe ca nyuma c'ishengero,ngaha. Murabona iki gihe gito ciyongereye? Imisi y'abanyamahangairaheze. None raba imyaka mirongo ine iraheze Abayuda bariko barasubira iYerusalemu, bariko barasubira mu gihugu cabo. Haleluya! Murabona ahotugeze? Vyafashe imyaka mirongo ine, uhereye igihe Mesiya yakurwahokugeza aho Titusi asamburiye urusengero maze agashwiragiza Abayuda.Hongeye guhera imyaka mirongo ine Imana ikomantaje umutima wa bafarawo b'ubwoko bwose, hose, kugira ngo itahukane Abayuda mu gihugucabo.Yamara uyu musi bongeye kuba bari mu gihugu cabo, ishengero na ryoriri ku mpera. Amen! [Mwene Data Branham arahoze - U] Oh, nge - nge -nge- ngerageza gusoma, birananiye.

61 Murabe neza Abayuda bari mu gihugu cabo, bariko barasubirayo.Nimwasoma igitabo citwa Ingene Intambara y'isi yose yarangiye. Igitabu cakabiri, aho intwazangabo nkuru Allenby, inyuma y'intambara ya mbere y'isiyose yashika hejuru ya Yerusalemu n'indege, akahigarurira, agafataYerusalemu. Kandi ba bagabo b'abakristo barakuye inkofero zabo kugirabinjire muri Yerusalemu. Kandi Allenby yarishikanye ata rusasu na rumwerusohotse…ahubwo - ahubwo ni bo bishikanye kuri Allenby,Abanyeturukiya. Kandi uhereye ico gihe Imana yarakomantaje umutima waMussolini, umutima wa Hitler, umutima wa Staline, umutima w'abantu barihose mu gihugu kugira ngo banke Abayuda.

Hanyuma, vya binyoni binini binini vyarururutse, vyitirirwaishirahamwe ryo kwunguruza abantu biciye

mu kirere ryo mu Buseruko,canke ishirahamwe ryunguruza abantu biciye mu kirere Pan American,canke ikindi kintu. Nibaza ko ryitwa TWA. Vyari mu kinyamakuru,ikinyamakuru citwa «Life», ndibaza Look canke Life. Nibaza ko cari «Life».Ni kuva gusa muri iyi myaka itatu canke ine iheze, Imana iriko iratahukanaAbayuda mu gihugu cabo, ico bamaze imyaka ibihumbi bibiribatabarizwamwo, mu gihe abanyamahanga bo bariko baritegura. Kandi ubu,abanyamahanga barataye Kristo hanze y'ishengero, bihuje n'IvyahishuriweYohana igice ca gatatu. Ntanashobora kugaruka mw'Ishengero ryiwe. Ntahantu ashobora kuja. Yarashibuwe.

Kandi ni igihe c'izamurwa. Abacunguwe bose babayeho muri iki gihecose, ngaha, utu tuburungu duto duto tuhari, nk'uku, ni abera baba bazutse.Murabona, twese turi, ngaha, Bibiliya ivuga ngo: «…Twebwe abazobabakiriho, dusigaye gushitsa ku kuza kw'Umwami, tutazokwitangira imbere na gato, canke tutazobera intambamyi abasinziriye na gato.» Iki gihe cose,aha, aha, ni ngaha.

62 Ni gute, mwene Data w'umupentekote kubera iki ivyo mushoborakuvyitirira aba hano. Bo mu gihe c'ishengero rya Lawodikiya? Bari aho,basinziriye, mu gihe kimwe kimwe cose, bararindiriye. «Kandi twebweabazoba bakiri bazima, umugwi muto usigaye, abazoba bakiriho gushitsa kukuza kw'Umwami ntituzobera intambamyi abazoba basinziriye. Kukoinzamba y'Imana izovuga, maze abapfiriye muri Kristo bazobanza kuzuka;maze twese hamwe tuzoca tuzamuranwa na bo.» Amen! Hamwe na bo, turingaha, aha ni ho turi, « kugira ngo tuje gusanganira Umwami mu kirere ».None raba. Tugeze he? Aha nyene. Ni hehe Mesiya yakuriweho? Ni neza naneza aho Ijambo ryari ryavuze. Iri yinga rigira irya mirongo irindwirizotangura ryari? Neza na neza iri shengero rimaze gukurwaho. Imana izocarero ihindukirira Abayuda.

Muravyibuka si vyo? Ishengero rigiye. Ishengero riragenda, hanyumahagaca haramukirwa Abayuda, baca binjira. Yamara imbere y'aho, ikintugitegerezwa kubanza gushika, si ikanguro ryo mu gihugu kimwe - ryo mugihugu kimwe. Ikintu gikurikira gitegerezwa gushika, ni Ukuza kw'Ubwamibw'Imana, Ukuza kwa Kristo.

63 Ubu rero, mushatse turashobora gusubira muri Daniyeli, ngaha, mugice ca 2, umurongo wa 34 n'uwa 35. Kandi aho Daniyeli yahabwa… kugice ca 2, 34 na 35, aho Daniyeli yahabwa ukwerekwa, kwerekana ko imisiy'ubwoko bwiwe yari igiye guhera ariko bikaba ivy'igihe gito, mazeakabona hinjiye abo mu mahanga. Kandi yarabonye mw'iyerekwa rya buyerinini, ngaha, canke ca gishushanyo kinini cari gifise umutwe w'izahabu,n'igikiriza c'ifeza. Murabe neza, aho, birushirizaho gukomera, uva kw'ifezauja kw'izahabu. Hanyuma, ibibero vy'ivyuma… canke ibibero vy'umuringa.Hanyuma ibirenge n'amaguru y'ivyuma. Yamara amano, hari amano cumikandi ayo mano yari ay'ivyuma n'ibumba. Kandi yavuze ati: «Nk'ukowabonye ko ivyuma n'ibumba bidafatana na gato, ubwo bwamibuzokwigabura, ntibuzofatana, yamara buzovanga imbuto zabwo, bumweburondera gusambura ubukomezi bw'ubundi. Murabibona?»

64 Ivyashitse rero n'ibi: Umutwe w'izahabu yari Nebukadineza, nk'ukoyabisobanuye. Yavuze ati: «Hazoza uwundi mwami azoba ari mu nyumazawe», yari Dariyo, ubwami bw'Abamedi n'Abaperesi, bwafashe ubwamibw'abanyamahanga. Hanyuma, abaje, hanyuma y'Abamedi n'Abaperesi, bari ba nde? Abagiriki, Alexandre le Grand n'abandi, ubwami bw'Abagirikibawaciye bufata ubwo bwami. Hanyuma y'ivyo, ni nde yabunyazeAbagiriki? Abaroma. None ni nde aganza isi uhereye ico gihe? Ni Abaroma.Abaroma, kandi abo vyari ivyuma. Kandi nimurabe, Uburoma bugumaho gushitsa kw'iherezo, kukovyariho kugeza ku mpera yamano. Kandi yarabonye ivyondo, ibumba; ivyoni abantu, ivyo dukozwemwo. Ivyuma na vyo, inkomezi z'Uburoma,zabonetse muri rimwe ryose muri ayo mahanga. Kandi Uburoma bufiseinkomezi mw'ihanga iryo ari ryo ryose musi y'Ijuru.

65 Hari umuntu umwe gusa kw'isi ashobora guhagarika intambara cankegusomborotsa intambara ata… avuze ijambo rimwe. Ni papa. Mbega ni kicoshika hamwe yovuga ati: «Ntihagire umukatolika n'umwe afataibirwanisho.» Ivyo bica bitorera inyishu ikibazo, mwene Data, nimuvugeivyo mushaka. Igice kinini c'isi, y'igikristo, ni abakatolika. Murabibona?Neza cane. Apfuye kuvuga ijambo rimwe, riba ari iryo. Ni neza na neza nka kumwe bavuga, hariya ngo: «Ni nde…» Turajakubigarukako mu nyuma. «Ni nde yoshobora kurwanya igikoko? Ni ndeyovuga nka co ? Ni nde yobikora ? Reka rero dukore igishushanyo c'icogikoko.» Ico, ni ishirahamwe ry'amashengero, «gukora igishushanyo gisa naco». Murabibona? Gukoraniriza hamwe amadini mw'ishirahamwe; kandiryaramaze gukorwa. Oh, turi kw'iherezo, nta n'ibindi. Gukora ivyobiroroshe, mugenzi. Turabirangije. Murabibona? Dukora igishushanyo ca cagikoko», ikintu gisa na co. Igishushanyo ni ikintu gisa n'ikindi kintu.Murabibona? Ubu rero, turi mu gihe c'iherezo.

66 Ubu rero, nimurabe, ngaha, ku mpera ya kino gihe. Kandi Daniyeli, kugice ca 2, no ku mirongo ya mirongo ya 34 na 35, yariko arihweza icogishushanyo yitonze. Yaracihweje kugeza aho Ibuye ryaje rivuye ku musoziata maboko arisituye, kandi ryamanutse ritembagara, rica rikubita ku birengevy'ico gishushanyo, maze rirakimenagura. Kandi ntiryagikubise ku mutwe,harya. Ryagikubise ku birenge; ico cari igihe c'iherezo, amano cumi aha. Mbega mwarabonye, ngaha nyene, gato imbere y'uko umushingantaheEisenhower asohoka, umuporoti wa nyuma wo… wo muri Amerika, nka -nk'umukuru w'igihugu, kandi ndakekeranya ko hoba harigeze habahouwundi. Ariko - ariko… kugira gusa nerekane ko, kugira gusa abantubikangure. Igihe haba urya mubonano, hariho… Umubonano wa nyuma ba, yagiranye

n'Uburusiya, hariho ibihugu bitanu vy'ibikomunisita vyo mubuseruko vyari vyaserukiwe, bitanu vy'i burengerazuba. UmushingantaheKhrouchtchev yari arongoye ibihugu vyo mu buseruko. UmushingantaheEisenhowor yari arongoye ibihugu vy'i burengerazuba. KandiKhrouchtchev, nk'uko natahuye ivyo bambariye, mu Burusiya, muri ruryarurimi, «Khrouchtchev» gisobanura «ibumba», Eiseinhower, gisobanura«ivyuma», mu congereza. Ng'iryo ibumba ryanyu n'ivyuma vyanyu,bidashobora gufatana. Yarambuye ikirato ciwe aca agikubitisha ku meza,n'ibindi. Ntibishobora gufatana. Yamara mu misi y'ubwo bwami, ni ho ca Gitandara, rya Buye ryariryisituye ku musozi ata maboko arisituye ryakubise ku birengevy'igishushanyo. Ariko ngo: «Ryasituwe ku musozi.» Wategerezwa kuba ariumusozi w'igitandara. Ryahanyutse kuri uwo musozi w'igitandara. Noneivyo mwabibonye?

67 Ubu rero, bene Data bavugabutumwa, na bene Data na bashiki banjehirya no hino mw'isi. Nk'uko ndabitahura, Bibiliya ya mbere yanditswe,Imana yayanditse kw'ijuru, kuko bategerezwa kuraramura amaso kugira ngobabone ko hariho i - Imana mw'Ijuru, ko Imana iri hejuru yabo. Kandi,muravye neza, mu kirere kigizwe n'ibinyenyeri bikikije izuba…Ubu,ntihakagire n'umwe muri mwebwe azoja… Nimwumire kuri iyi Bibiliya.Murabona? Yamara muri ico kirere gikikije izuba, igitangura muri ico kireregikikije izuba, nk'uko ndabitahura, ni inkumi, kandi igihereza, ni Intare. Niukuza kwa mbere kwa Kristo, aciye mu nkumi, hanyuma ukuza kwiwe kwakabiri, ni Intare yo mu muryango wa Yuda. Murabona? Hakurikira igihe caKanseri, bo n'ibindi vyose, muri ico kirere gikikije izuba nyene.129. Ubu, turabona ko hariho iyindi Bibiliya yanditswe, canke iyindiyashizweho, na yo yari amapiramide. Mbega mwarabonye mu mapiramideingene yatangura hasi yagutse, nk'umusozi ugizwe n'ibuye rinini, mazebikabandanya gushika kw'isonga? Ariko ntihigeze haba ibuye ryashizwekw'isonga ry'iyo piramide, rya ya piramide nkuru hariya muri Egiputa,nimufate…yanyu. Nimwaba mufise inoti y'idolari rimwe mu mufukowanyu, nimuyifate muyitegereze, aho muraja kubona ikidodo ca Leta ZunzeUbumwe (za Amerika), kandi ku rundi ruhande, hariho piramide, hepfo.Kandi hejuru y'iyo piramide, hariho ibuye ry'agasongero, yamara ni ijishorinini, kandi ryitwa (aha musi ya piramide,: «Ikidodo gikuru». Kubera ikiinkukuma ya Amerika atari co kidodo gikuru? Iri, ni ikidodo c'Imana.Muribuka ka karirimbo twahora turirimba? Mu nzira yose ishikana mu nzu nyakuri y'ubugingo, Hariho Ijisho rikureretse; Ku ntambwe yawe imwe imwe,Iryo Jisho rinini rihora riri maso;Hariho Ijisho rikureretse.Ni ukuri. Muribuka twari dufise akaririmbo gatoya, twavuga ngo: Niwasahura, ukiba, ukanabesha,Maze mw'ishengero ugashinga intahe,Hariho Ijisho rikureretse.

68 Rero, ni ca kidodo gikuru. Yamara turazi, na jewe, sindabitahura,ibipimo vya piramide. Yamara gusa narabibabariye, mu nyigisho ziherukatwaronse, kugira ngo mubone ko ivyo vyose bishimitse.

Yamara, ipiramide yerekana Ishengero, rigitangura, ku ntango ryariryagutse. Kandi uko ryegereza isonga, rirushirizaho gufata imeroy'umubirikira.

Nuko turabona ko bishika hejuru rwose, kw'isonga, kandi ko batigezebayirangiza. Kubera iki? Ndibaza igituma! Ni kubera ko Bibiliya ivuga yukoIbuye rigumya imfuruka ryagawe. Ayo mabuye yarashibuwe.

69 Ubu, murabe neza, igihe c'ishengero…Ubu nimwumvirize neza. Ibintibibacike. Igihe c'ishengero, uhereye kun tango ya rya hindagurika mubijanye no gusenga, ryakozwe na Luteri, igihe amabuye y'itanguriroyashirwaho, turabona ko uko ibihe vyagiye bikurikirana, kuva mu gihekimwe uja mu kindi, Ishengero ryarushirijeho kubamwo inkehwa. Kugezarishitse aho…Luteri yigishije ugutsindanishirizwa. Ico gihe, wapfa kwaturako uri umukristo, baca bakwica, mu misi y'aba maratiri, y'abishwe bahorwagushingira intahe Kristo.

Kandi aho, turabona ko mu misi ya Wesileyi, uwatura Kristo muri icogihe, yaba ari nk'umusazi, kuba ari uwo muri uwo mugwi mushasha. Abantubarasohoka bava hano, igihe Wesileyi yaza ino, na Asbury, bagakoraibikorane ino muri Amerika, (narasomye inkuru zabo), kandi ivyobabikorera mu mashure. Mu mashengero yabo ino, ntibari babashaka. Munyuma bageze aho Mpwemu Yera yaje kuri bo; maze bakagwa hasi, bagaca babasukako amazi, bakabaha akayaga bakoresheje ikintu, bibaza ko baravye.Ubwanje naragiyeyo, mu bikorane vyabo, muri iyi myaka mirongo itanumaze. Narababonye bikubita hasi kubw'ubushobozi bwa Mpwemu Yera,nka gurtya, bagaca babasuka amazi mu maso, n'ibindi, abametodistebigenga bo mu myaka myinshi ishize. Hariho agahamo, muri ico gihe.

70 Nuko, hanyuma, ico gihe kimaze kurangira, igihe ca Wesileyi,habayeho igihe c'Abapentekote, bafise umubatizo wa Mpwemu Yera.Murabona, birushirizaho kugaragara. Yamara mwibuke aho, rya Buyerigumya imfuruka ntiryari bwashirweko. [Mwene Data Branham aciyeadoda ingwa kabiri ku kibaho aho yanditse ibintu - U]. Kubera iki? BarahayeIshengero imero nyayo, ahubwo bahaye imero ipiramide (barayihaye) kugirango ihure neza n'ibuye ry'agasongero ntiryigeze rijako. Oh, murabona ahongeze, si ko? Ubu rero, ibango ry'igikorwa, uhereye kuri Luteri kugeza ku mpera yaPentekote, muri zirya nkehwa ngaha, hejuru… Ni co gituma bisa n'aho atamuco ukiriho muri iki gihe, harya ku kirangamisi, ku gicapo. Ni igihe cagipentekote: si amadini y'abapentekote, bakoze neza na neza nk'abo muriLowodikiya. Ni bo banyelawodikiya. Bakoze nk'Abanikolayiti, barakozeidini. Yamara ishengero nyakuri hirya no hino mw'isi, ryarafashe imero,ryariyegeranije, kugeza igihe ibango ry'ubukozi risa rwose n'irya YesuKristo ryaciye riza muri ivyo. None ubu bafise iki? Gurtyo rero bariteguye.Ubu none haca hakurikira iki? Iryo buye ryashibuwe rya ya piramide,ryasidutse ku musozi (ata ki?) ata kuboko kurisituye. Ni Imana yarirungitse.Murabibona?

[Ikoraniro rivuze riti: Amen! -U]. Uwashibuwe, rya Buyeryatawe, ni ryo mutwe w'iki, ni umutwe, ibuye ry'agasongero. Kandi Uryanyene bashibuye, mu gihe cose c'abanyamahanga, ni Kristo. Kandi Kristontiyasituwe ngo ashirwe hariya, nk'icariho, canke umwana w'Imana, cankeumunyacubahiro uwo ari we wese wo mw'ishengero. Ni we Mpwemu Yera.Kandi isonga ry'iyo piramide, azoba ari Kristo, azoza. Muramubona?[«Amen»]

71 Ko rero bafise imero ikwiriye (murabona ko ibi nabikoze nk'ipiramide,abera bahagurutse?) ni ukwinjira mu bwiza kw'abaneshej e. Ubu nonemurabitahura? [Ikoraniro rigize riti: «Amen -U»] Kristo, Ibuye rigumyaimfuruka, ibuye ryashibuwe, Ijisho ribona vyose, rishika neza na nezank'uko Bibiliya yari yarabimenyesheje. Kandi Daniyeli yaravuze ko yihwejekino gihe c'abanyamahanga, kugeza aho ibuye ritaconzwe n'amabokorisiduka riva ku musozi. Ntibigeze bashira ibuye ry'agasongero kuri iyo piramide. [Mwene Data Branham akubise kabiri ahavugirwa ubutumwa -U].Ntiryasituwe n'amaboko y'umuntu. Ni ukuboko kw'Imana kwasituye iryoBuye. Murabibona? [«Amen!»] None ryakoze iki? Ryakubise icogishushanyo neza no ku birenge, maze rirakimenagura, rigicaubunywenywe. Haleluya! Mbega ico gihe habaye iki, aho iryo Buye ryaza?[Mwene Data Branham akubise kabiri ahavugirwa ubutumwa - U].Ntiryasituwe n'amaboko y'umuntu. Ni ukuboko kw'Imana kwasituye iryoBuye. Murabibona? [«Amen!»] None ryakoze iki? Ryakubise icogishushanyo neza no ku birenge, maze rirakimenagura, rigicaubunywenywe. Haleluya! Mbega ico gihe habaye iki, aho iryo Buye ryaza?[Mwene Data Branham akubise n'ukuboko kane ahavugirwa ubutumwa - U]Aho ni ho ishengero ryaduze mu Bwiza, mw'Izamurwa, kubera ibi ni na vyovyarangiza igihe cashiriweho abanyamahanga. Ni ukuvuga Imana ni yoyakirangije; umuzo w'iryo Buye.

72 Hari abantu bama baza ngaha ku rusengero, umugabo asanzwe bon'umugore wiwe. Barafata Bibiliya, bagaca bayishira ahantu hamwe; mazebakabandanya bariko baririmba bati: Oh, ndiko ndarondera rya Buyeryatembagara i Babuloni,Ryatembagara i Babuloni… (Bagendagenda ari ryo barikobararondera, murabona.)Ndiko ndarondera rya Buye ryinjiye i Babuloni ritembagara.139. Ng'uwo! Kristo ni We iryo Buye. Ntiyavyawe n'umuntu. Yavyawen'Imana. Azanywe no kurondera Ishengero ryavutse ubwa kabiri, rivyawena Mpwemu w'Imana; Kanatsinda, ubushobozi bw'iryo Buye rigumyaimfuruka bukwiragira mw'Ishengero ryose nk'isumaku.

73 Ndibuka igihe nigeze kuja mw'Ihinguriro, aha, ivyo narabiraba, mugihe baba bariko baraconga ibintu bitandukanye. Hasi hari huzuye ivyavuyeku vyo bariko barashingura, hanyuma ivyo vyose baca babikubura. Ibuyerininiya ryaciye riza kuvyegeranya, ibuye rininiya rimeze nka sumaku ivyovyose ryaravyegeranije kuko vyarimwo sumaku. Birakwiye ko tubatwoshobora gusumakurwa n'iryo Buye rigumya imfuruka. Iryo Buyerigumya imfuruka, ni Mpwemu Yera, Kristo. Kandi umwe umwe wese muritwebwe, turafise ukwo gukwegwa kwa Mpwemu Yera. Igihe iryo buyerizokubitira ca gishushanyo, Ishengero rizoca ryihutira kurihungiramwo,ningoga, rizoca risubira mu Bwiza. Rizojanwa mu gihe c'Izamurwary'abera, kuri uwo musi niryagenda.

74 Ubu rero, nimurabe neza. Turabona ubu ko haheze nk'imyaka mirongoine Abayuda bariko baragaruka, gihakwa kungana n'igihe bamaze bahungakugeza rwa rusengero rusambuwe. Bamaze imyaka hafi mirongo ine kugirabagaruke, imbere yo kwubaka urundi rusengero. Murabona, mu vy'ukuritugeze kw'iherezo ry'urugendo. Nuko rero, namba abo banyamahanga… Ubu rero, dufate…Turabona Ishengero, umuzo wa rya Buye. Dufateigihe ca nyuma. Ivyo twaravyize. Turabona, aha. Ndibaza ko mfise ikintucanditse ngaha, kijanye n'ivyo. Tubirabe gato mu kanya. «Maze segabaazoza, ari we antikristo, azogiriranira isezerano n'Abayuda». Kandi, muriDaniyeli 7…canke 9: 27. «Kandi iyinga rigeze hagati, imyaka itatu n'igice,igikoko kizogira isezerano ryaco…» Ndaja kugaruka mu nyuma gato, kuriiryo sezerano. Dushaka kureka…Ngomba mpere kuri ibi, aho.

75 Igihe kimwe kimwe cose co muri ivyo bihe vyo mu banyamahanga,carerekanywe n'uwagitumweko, n'ubutumwa bwaco bo n'ivyategerezwagushika, ata kwihenda kurimwo. Iki gihe, hano cabaye igihe ciza cane. Mugihe gikurikira hari haravuzwe ko hazoza inyigisho bazokwita, canke kohazoza ikintu bazokwita «i - imvugo z'abanikolayiti». Hanyuma vyaciyebicika inyigisho. Hanyuma, habaye ukwabirana kwa… hamwe n'ishengerorya kinikolayiti, maze abera baca barahamwa. Vyose vyabaye neza na nezagurtyo nyene. Ubu tugeze ku gikurikira, Agaco gakeya karatanguyeguseruka. «Ufise inkomezi nke, uvugwa ko uri muzima ariko uri uwapfuye.Komeza ivyo usanganywe, kugira sinze ngo nkureho igiterekwako amatara.»

76 Havuye ibi, ehe haca hakurikira Wesileyi, n'igihe ciwe. Twarabonyeneza na neza ivyo… Igihe ca Wesileyi, citwa gute? Igihe ca Filadelufiya.Igihe - igihe c'urukundo ciza cane kitigeze kubaho, igihe ca Filadelufiya,hari neza na neza igihe ca Yohana Wesileyi. Igihe we yitahira, haciyehakurikira Abapentekote, kandi abo bari akazuyazi. Ni ho duca rerotugaruka kuraba Ubutumwa bwategerezwa kuza ku bapentekote ubwo aribwo, kw'iherezo. Mwibuke ko umwe umwe wese muri bo yashitse ku mperay'igihe. Uwera Paulo yarashitse ku mpera. N'abandi bose barashitse kumpera, uwera Ireneyo n'abandi bose. Igihe c'umwe yarabandanya gushikamu gikurikira, vyarinjiranamwo; we, yafata ibi, mu gihe maze agacaabandaniriza aho, mu gihe gikurikira. Murabibona?

77 Ubu rero, turabona ko muri kino gihe, hariho inyenyeri, nk'uko tuzifiseharya. Turafise inyenyeri,

intumwa. Turafise umuntu, u - Ubutumwa buvugwa kubw'ico gihe, abantu bazobwanka, n'abantu bazobwemera. Kandiintumwa ya kino gihe yategerezwa kuza ifise ubushobozi bwa Eliya. Ni vyo.Kandi yategerezwa «kugarukana Ukwizera kw'abana kuri ba se, kugarukanaabasigaye, abo muri pentekote basigaye, ku Kwizera nyakuri kw'intumwa.» Yamara, Ukwizera nyakuri kw'intumwa, nimwasoma ivyakwo muGitabo c'Ivyakozwe n'intumwa, muzobona ko ata na rimwe hari umuntuyigeze abatizwa «mw'izina rya Data, Umwana, Mpwemu Yera.» Ntan'umwe muri bo yigeze amijwa utuzi. Nta na kimwe mu bintu biba uyu musicitirirwa pentekote, cigeze gishika muri ico gihe. Bari bafise ibintubigaragara vy'ukuri, kandi Mpwemu w'Imana yari hagati muri bo, yerekanaata kwihenda ko yari Umwana w'Imana yariko arakorera hagati muri bo.Uwo muntu yategerezwa kuza, canke ahubwo ubwo Butumwabwategerezwa kuza, yategerezwa kuba nka Eliya. Eliya yategerezwa kuzaincuro zitatu. Nuko, mwovuga ko «Yohana umubatizi ari we yari uwomugabo.» Muvyihweje neza, Yesu yavuze ko Yohana umubatizi ari we yariintumwa yo muri Malaki 3, si iyo muri Malaki 4. «Umve, ngira ntumeinteguza imbere yanje.» Ndibaza ko ari Matayo 11: 6, ko muzobisangaahantu hamwe muri ico gice, muri Matayo igice ca 11.

78 Yamara muri iyi misi ya nyuma, hari Impwemu ya Eliya itegerezwakuza mu Bantu, kandi itegerezwa gukora nk'ivyo bakoze ico gihe. Azobaameze nka bo, Ishengero ni ko rizoba rimeze. Uwo - uwo muntu azobaameze neza na neza nka bo. Kandi ubu butumwa buzovugwa, bugerageze…Azokwankwa n'abantu. Azokwanka abagore, ni ukuvuga inkozi z'ibibi,ababi. Azokunda ahari amashamba; umuntu adafyina, na ntaryo adapfa ivyoyemeye nk'uko Eliya yari amaze, kandi nk'uko Yohana yari amaze, kandink'uko Yohana yari amaze. Kandi ivyo vyose twarabibonye bishika. Nambatwarakiriye Ubutumwa, turabona ko Kristo yashibuwe. Ni ngombwa koumumtu aba muri imwe muri ayo madini; Atari uko ntashobora kuhinjira.Kubera ivyo, ya - yugaraniwe hanze. Murabibona? Kristo ntashoboragukorera muri bo.«Uri igiki?»- Umukristo- Uri mw'idini irihe?- Nta na rimwe ndimwo- Ntidukeneye ibikorwa vyanyu.

Murabona, yarashibuwe. Ni vyo! Murabona, yarashibuwe. Na Eliyayarashibuwe, co kimwe na Yohana yarashibuwe. Yamara n'iki, mbegavyarababajaje? Mbega vyarononye Ubutumwa bwabo? Bavuze bati :«Emwe bantu batagonda izosi». Ntibatinye kubitunga urutoke. Ntibariyeumunwa. Babandanije baja imbere. Kandi Ubutumwa bw'Imanabuzobandanya butera imbere, ivyo uwo ari we wese yovuga nta co bitwaye,murabona, gushitsa aho uguhona, kandi ko…ivyashinzwe bisukwa. Kandituri kw'iherezo.

79 Nuko, ubu turi ku mpera y'ikiringo c'imyaka mirongo ine kuva ahoAbayuda batahukiye, kuva mu Ntambara ya Mbere y'isi yose, barasubiyemu gihugu cabo bwite. Nta na rimwe Imana yigeze ikorana n'Abisirayeliigihe cose baba batari mu gihugu cabo bwite.150. Kandi, muribuka, ko igihe Abayuda bataha, ba Bayuda bava mu bindibihugu, ikinyamakuru Look caravyanditseko. Narasomye agacek'ikinyamakuru, k'ikinyamakuru c'ivy'Imana, kavuga ko igihe ba… Indegezaramanutse kurondera Abayuda bari bari kure cane, muri Irani. Kandi, sinziibibanza vyose barimwo, bari bashiragiye. Yamara abo, ni bo Bayudab'ukuri, abatigeze baronka akaryo. None rero, mwene Data, ng'abo rerobamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine vyanyu. NitwashikiraIvyahishuriwe Yohana 11, muzobabona. Yavuze ati: «Hari imiryango cumin'ibiri (ya Gadi), imiryango cumi n'ibiri (ya Asheri), imiryango cumi n'ibiri(ya Reyubeni), imiryango cumi n'ibiri …» None bose bari he? Ku musoziSinayi. Abayuda, bagarukanywe mu gihugu cabo, ng'abo. Bari bo, ntibari kakagwi ka ba basuma bo muri Wall Street. Oya mushinganta. Bari Abayudanyakuri. Kandi igihe uwo mutama w'umukuru yabona iyo ndege iguye… AboBayuda - mwarabisomye mu kinyamakuru - bari bakiriko bararimisha inka.Ariko aho baboneye iyo ndege iguye aho, ntibatinyutse n'ukuyegera. Uwomutama w'umukuru yaciye ahagarara aho aca avuga ati: «Mwibuke kouwavugishwa n'Imana wacu yavuze ko aho tuzosubirira mu gihugu cacutuzotwarwa ku mababa y'inkukuma». Amahanga ariko arasenyuka, Isirayeliiriko irikangura. N'ibimenyetso vyakuwe n'abavugishwa n'Imana. Mberevuba cane tugiye gushikira iyinga rigira ndwi, ryabo.

80 Nongeye kwibona ndi hariya, igihe mwene Data Pethrus yariyabarungikiye udutabu tw'Isezerano rishasha, maze bakadusoma. Baravuze bati: «Emwe, namba uwo ari we Mesiya, nitumubone akora ikimenyetso c'umwe avugishwa n'Imana; namba atapfuye, ni muzima.» Bavuga bati:«Yarazutse; Ari mw'Ishengero ryiwe, nitumubone akora ikimenyetsoc'umwe avugishwa n'Imana, maze duheze tumwizere.» Abayuda bamabizera… Barazi ko Mesiya yategerezwa kuba Uwuvugishwa na Yo.

Kandi igihe nari aho hantu, hariya kwa mwene Data Arganbright, icogihe, maze abo Bayuda bakaba bari aho bavuga bati: «Nimuze rero iwacu,mu bwoko bwacu.»

Naciye mvuga nti: «Koko, nzoza nezerewe». Nari napfuye gufataicemezo igihutihuti. Narashitse i Kayiro, muri Egiputa. Igihe kimwe ku mugoroba, igihenabona indege iguye, hariya i Kayiro, vyanyibukije ivyo. Nuko, tumazegushika hariya, nari mfise itike yanje yo kuja muri Isirayeli, bategerezwakunsangayo. Nari navuze nti : «Genda muhamagaze abantu ibihumbi muriba bakuru. Mubazane ahantu hamwe mu kiyaya, turaja kubona ko akiriuwuvugishwa n'Imana canke atakiri we. Amen. Nuko rero, turabe ico ajagukora». Oh, ivyo, vy'ukuri vyari ivyabo. Ni ivyo bashaka. Ese iyo ivyobashobora kubibona, bari kuvyizera.

81 None, nakoze iki ? Narashitse i Kayiro, kandi nari niteguriye kujayo.Nari maze kuronka itike yanje, hari hasigaye nk'iminota mirongwibiri ngobaduhamagare. Hari ikintu caciye kimbarira giti: «Si ubu.

Igikombec'ibigabitanyo vy'amahanga ntikiranengesera. Abamori ntibarakwira.Ntiwinjireyo!» Naciye nibaza ko kumbure vyoba ari ivyiyumviro vyanje,nca ndiherera nja inyuma y'ikibandahori barindiriramwo indege, mazendasenga. Ica iravuga Iti: «Hariya ntujeyo ubu.» Ni ho rero naca mfata itikeyanje nca nja ahandi. Sinagiyeyo, kuko igihe kitaragera. Ubu rero, ni ryari Imana izokwemerera abo Bayuda, izokwongeragutangura gukorana na bo, ivyo sinshobora kubibabwira. Sindabizi. Ntan'umwe abizi. Yamara, nimwumve, namba Abisirayeli bamaze gushika mugihugu cabo, vyose vyarateguwe. Amabuye yose yaregeranijwe, kwabaukuvomera, yaba amazi, bo n'ivy'Imana yasezeranye vyose. Baratoyeyoamariba n'ibindi, mbere n'imigende itemba ata nkomanzi, ni ahantu hezacane mutigeze kubona. Barafiseyo igisagara cubatse. Baravomera.Barafiseyo ubutaka bwiza cane kurusha ubundi bwo kw'isi yose. Kanditurabona ko hagati mu kiyaga c'umunyu, hariyo ibintu vyinshi, bikwiyevyogura isi yose. Murabibona?

82 Vyose biri mu maboko yabo. Mbega ivyo babigenjeje bate? Ni ukoumutima wa Hitler wakomantajwe, n'umutima wa Musolini urakomantazwa,nka kurya umutima wa Farawo wari wari warakomantajwe maze bacababahatira kuja muri ico gihugu. None ehe imyaka mirongo ine irahezebasubiye muri ico gihugu. Ubu ni yo bari, baracarindiriye.

Ishengero ry'abanyamahanga riri muri Lawodikiya, ku mpera y'Igiheca Lawodikiya. Namba… Abayuda bari mu gihugu cabo, ni yo bari. Kandiukureka Imana kw'abanyamahanga kuramaze gushika. Kandi hamwen'Umukuru w'igihugu nk'uwo dufise. Hamwe n'ihanga ryigabanijenk'iryacu. Hamwe n'amabombe ruhonyanganda amanitse mu birere. Hamwen'ishengero ry'akazuyazi. Hamwe n'ishengero, abantu bagiye hamwe.Hamwe n'ibango ry'igikorwa risa n'ibango ry'igikorwa rya Yesu Kristo,kugira tuzocakire rya Buye igihe rizozira. None haracasigaye igiki?Birashobora gushika umunota uwo ari wo wose. Nta na kimwe kigisigaye.Turi mu gihe c'iherezo. Oh, Imana ishimwe! Sinzi namba bizoshoboka konshikira ya Yubile, canke sindayishikire, yamara nashaka - nashaka n'ahobiri uko mpfume ndabazanira n'agace kayo.

83 Umvirize. Mbega…Ubu rero ni bangahe babibona? Murabona koIvyanditswe vyerekana ko arya mayinga mirongo indwi, yari imyakamirongo ine n'icenda? [Ikoraniro ryishuye riti: «Amen - U»]. Murabona koariya mayinga mirongo itandatu n'abiri yari imyaka amajana ane na mirongoitatu n'ine? [«Amen»] Murabona ko ariya - ariya mayinga mirongo itandatun'icenda rero, yari - yari - yari … yari ingahe? Amajana ane na… Imyakaamajana ane na - mirongo umunani n'itatu. Imyaka amajana ane na mirongoumunani n'itatu kugeza ubu. Murabona aho Segaba yakuriweho? Murabona,ni uguharura imyaka mirongo ine kugira ngo Abayuda baruhire gushikaahantu Imana yari yavuze ko bazoba bari.

Rabe ngaha, ingene igihe c'abanyamahanga caciye mu vyo twaritwakivuzeko vyose; ko, si ivyo twebwe twari twakivuzeko, ahubwo ni ivyoBibiliya yari yakivuzeko. Ivyo Bibiliya yari yakivuzeko, vyarashitse, kandiehe haheze imyaka mirongo ine Abayuda bariko baratahuka, ngaha, barikobaritegura kugira ngo Imana ikore neza na neza nk'ico yari yarakoreye hano.Uko ni ko basohotse, kandi uko ni ko batahutse. Abisirayeli barongeyegusubira mu gihugu cabo.

84 Ubu rero Imana izotanguza ryari iyinga ryabo rya nyuma? Ryari?Birashoboka ko hoba ari uno musi. Birashoboka ko hoba ari uno musiimbere yuko izuba rirenga kuri uno mugoroba. Imana ni Yo izobivuga. Igihebizobera, sinzi. Nanje ndavyibazako. Yamara, ngira nzane ikintu kimwengaha, hano mu mwanya mutoya, kandi sinzi ko muja kuvyemera canke komutavyemera. Kimwe gusa, ndibaza ko nte - nte - ntegerezwa kubivuga ukobiri kwose.

Aho ni ho turi, mu gihugu. Abayuda bari mu gihugu. Turi ku mperay'igihe, twiteguriye Izamurwa. Izamurwa ribaye Ishengero rikaduga,turamurwa kugira ngo tuje kumusanganira mu kirere. Ivyo, turabizi twese.Rya Buye ryasiturwa ku musozi riri hafi kuza, umwanya uwo ari wo wose.Kandi ni ryaza rizoca rikora iki? Rirangiza igihe c'abanyamahanga. Kizobakirangiye, kandi Imana izoca ireka rwose gukorana na bo. «Uwanduyen'ashishikare yandure; uwera n'ashishikare yezwe. » Murabibona? Acaakora iki muri ako kanya? Aca atwara Ishengero ryiwe, abuzuye MpwemuYera.

«Abanduye», ni bande? Ni ya nkumi izoba isinziriye bon'abazorenguka mu rubanza, kure gato, NGAHA. Ivyo tuzobishira ku kindigicapo, aho tuzocapira ibikurikira iki, aho izoshikira mu rubanza kuri yaNtebe Yera maze igategerezwa gucirwa urubanza n'abacunguwe. Pauloyaratubwiye kutaja kuburana mu butungane, kuko abera bazocira urubanzaisi. Ni vyo. Turi mu gihe c'iherezo, ngaha, ubu. [Mwene Data Branhamyerekanye igicapo yashize ku kibaho - U]. Ni uko.

85 Kandi hagati na hagati muri iri yinga…Aho, ngaha, hari ya… amwemirongo irindwi. Aho, namba ayo yahuye neza na neza n'imyaka indwi,rimwe rimwe ryose muri ya mayinga, kandi tukaba tumaze kuronkaamayinga mirongo itandatu n'icenda, hagaca hakurikira igihec'abanyamahanga, kandi turazi yuko turi kw'iherezo ry'igihec'abanyamahanga, haracasigaye rero iyinga rimwe ku Bayuda. Si vyo?[Ikoraniro ryishuye riti: «Amen - U»]. Kandi iryo ni neza na neza imyakandwi. Namba IRI yari imyaka ndwi, IRI ni imyaka ndwi kuko yavuze iti:«Amayinga mirongo indwi yarashiriweho ubwoko bwawe.» Ni uko turazi koAbayuda basigaranye imyaka indwi. Mbega si vyo? [«Amen»]. Ubu reronimwihweze ibi. Namba hariho ikibazo ndashaka kubimenya. Murabibona? Ni uko, kandi hagati na hagati muri iryo yinga, hagati na hagati muriiryo yinga ry'Abayuda - murabona, aha ni imyaka - imyaka itatu n'igice - hariho antikristo, segaba,

segaba ategerezwa kuza. Kandi mwibuke, ava iRoma, uwo segaba ategerezwa kuza. Ni igiki? Umupapa. Segaba mu Bantu,ategerezwa kuza; hazohaguruka Farawo atazi ivya Yosefu.

86 Ubu rero mwa baporoti mwe, muravuga muti : «Ni uko rero, ehe niibi.» Yamara nimurindire akanya gato, ngaho. Turabona ko abaporoti bagiyehamwe, bagize ishirahamwe mpuzamashengero, igishushanyo ca ca gikokokandi ko bagendana na bo.

Kandi hano turabona ko Abayuda bariko barasabwa kwinjira muri iryoshirahamwe (ego mushinganta), kandi baravyemera. Bibiliya ivuga yukobavyemeye. Kandi baragiriraniye isezerano na bo. Hagati na hagati y'iyingarigira irya mirongo irindwi, azoca kubiri na ryo, antikristo aca yica isezeranoryiwe n'Abayuda, «ubwoko bwawe». Kubera iki ? Dusoma muVyahishuriwe Yohana 11 ngo : «Nzorungika…» Ivyo ni ca 11, turegerejehariya mu ca 19. Izorungika abavugishwa na Yo babiri kandi bazovugishwaico gihe. Nuko rero bazorakira abo bavugishwa baheze banabice. Si vyo ?[Ikoraniro rivuze riti : «Amen» - U]. Kandi imivyimba yabo izorambikwamw'ibarabara ryo mu buryo bw'impwemu ryitwa Sodomu na Gomora,hamwe Umwami wacu yabambwa i Yerusalemu. Si vyo ? [«Amen»]. Kandiaho izohamara imisi itatu n'amajoro atatu. Kandi iyo misi itatu n'ayo majoroatatu birangiye, impwemu y'Ubugingo izobinjiramwo, ubwo bace bazukamaze bace bigira mu Bwiza. Kuri iyo saha ikigiracumi ca ca gisagara kizocagisenyuka. Si vyo ? [«Amen!»] Murabona? Mbega ni ibiki. Hagati na hagatiy'iyo myaka mirongo irindwi ya nyuma.

87 Igihe Ishengero rizodugira, aho rero ni ho rya Shirahamwe, za nkumizasinziriye, abametodiste, ababatiste, abaperesibiteriyano, abapentekoteb'akazuyazi, abo bose bazokoranirizwa mw'ishirahamwe. Mbere ubu,basanzwe bafise urwego rukomeye. Kandi ico gihe bazogiriranira isezerano.Nuko rero, umupapa mushasha dufise ubu, ashaka kubinjiza bose. Murabonarero ingene vyose biriko biraja mu buryo, si vyo ? [Ikoraniro rivuze riti :«Amen» - U] Azovuga ijambo kuri ivyo, maze abinjize bose, buzoba ariubwa mbere kuva imyaka amajana n'amajana, kuva imyaka igihumbi ishizecanke bibiri, ntivyari bwigere bishika. Yamara ubu ategerezwa kubegeranyabose, agire ishirahamwe, kandi ico gihe Abayuda bazovyemera. Mbegaubwiza ! Haleluya ! Ishimwe ribe iry'Imana yacu, iriho ibihe bidashira.Ng'iryo rero ! Yamara, mwene Data, biroroshe cane, biroroshe cane kuburyo n'umwana muto yoshobora kubibona. Iryo shirahamwe, rizohuza Abayuda, Abaporoti n'Abakatolika. Kandi, mwibuke, abo bavugishwababiri, bazokora iki aho bazozira?

88 Ico gikoko, uwo segaba azoca ubunywenywe ubwoko bwera, azokoraiki? Azokwica isezerano ryiwe na bo. Imyaka itatu n'igice irangiye azocaabakuramwo. Ubu rero abantu biyumvira ko ari ubukomunista. Ivyo ni vyokubera ko mu…Mpwemu w'Imana ntaratangura gukorana namwe. Siubukomunista, ni idini. Bibiliya ivuga yuko «bizoba vyegeranye cane kuburyo vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyashoboka». Yesu yarabivuze.Murabona, turi kw'iherezo.

89 None, abo bavugishwa babiri, bazokora iki? Ni Mose na Eliya, bazocabatangura igikorwa. Bazokwereka abo Bayuda ikosa ryabo. Kandi muri uwomurwi w'Abayuda bari hariya ubu, ni ho hategerezwa kuva bamwe bihumbiijana na mirongo ine na bine, abo Imana izohamagara ikoresheje abobavugishwa. Mbega ni iki ? Impwemu ya Eliya, yari kw'ishengerory'abanyamahanga, izobandaniriza ubwo nyene muri iryo shengerory'Abayuda, Izojayo maze ice ihamagara; Mose azoba ari kumwe na we.Haleluya ! Murabibona ? [Ikoraniro ryishuye riti : «Amen» - U] Kandiazokwigisha abo Bayuda ubutumwa bwa pentekote nyene, yuko bashibuyeMesiya. [Mwene Data Branham akubise gatandatu ku kibaho ahavugirwaubutumwa -U] Amen ! Murabibona ? Amen. Buzoba ari bwa butumwa bwapentekote nyene, bazobubwirwa n'abo Bayuda hariya. Kandi abo Bayuda,bazobanka kugeza aho bazobica. Kandi bazokwankwa n'amahanga yose,ariko, iyinga rigeze hagati, kubera ko umurwi ukomeye w'ibihumbi ijana namirongo ine na bine uzoba wahagurutse hagati muri bo. Bazoba bafiseMpwemu Yera, kandi, mwene Data, namba muvuga gukora ibitangaza, bobazobikora. «Bazozibira amajuru kandi ntihazokwigera hagwa imvuranamba mu misi y'ukuvugishwa kwabo ; bazokubitisha isi ivyago, igihe cosebazoba babishatse.» Bazorungika ivyago, bo n'ibindi vyose. Bazotumaubuzima bw'abo baroma buba bubi. Yamara iherezo bazokwicwa. Imanayacu ni Imana iteye ubwoba Imaze kuraka. Yamara, nimwibuke, ivyo, nimuri rya yinga rigira mirongo irindwi, aho Ishengero rizoba riri mu Bwiza(amen), ni mu gihe c'amazimano y'Ubukwe. Ego. Ubu rero nimurabe. Aho ni ho twamubonye agarutse mu Rusengerorwo muri ya nganji y'Imyaka Igihumbi, aha kw'iherezo ry'igihe c'Abayuda;«Uwasizwe amavuta.» Nguwo araje, yicaye kw'ifarasi yera; baramukurikirabicaye ku mafarasi yera na bo. IFARASI ni : «Ubushobozi». Umwambaroujobetswe mu maraso; kuri We hari handitswe ngo: «Jambo w'Imana ». Ng'uyo araje nk'Umunyenkomezi ahebuje (ego mushinganta), kugiraashireho ya nganji y'imyaka Igihumbi, yari yinjiye mu Rusengero. MbegaUbwiza! Aho ni ho aja guhurira na bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine nabine, hariya inyuma y'iri yinga rigira mirongo irindwi, ngaha.

90 Iyinga rigira mirongo irindwi, ibi biba mw'iyinga rigira mirongoirindwi. Muri irya itatu, hagati, aca aca kubiri na ryo, kuko yica baryabavugishwa babiri b'abapentekote (…mushinganta) bakubita isi. Kandi, oh!Ivuma iryo shengero, maze Ikaritongoza umuriro. Kandi, oh, ri…Turabonako, hariya, ko n'abagendesha amato bari bigiweyo, bakavuga bati: «Ni ibara!Ni ibara! Igisagara gihambaye camaho c'i Roma, mw'isaha imwecarazimanganijwe.» Ukwasana kwatumye gihinduka ubunywenywe. Imanairafise ukuntu ikora ibintu. Kandi umumarayika yarabiravye aca avuga ati:«Yamara, muri co ni ho habonetse amaraso y'abishwe

bose bahorwagushingira intahe Kristo»; nkako, cari carazimije, cari carakoze idini hariyakandi gikora n'ivyo bintu bindi vyose; maze canduza ishengero, kandi caricarazanye ivyo bintu vyose, kandi cari carishe abo nyene bageragezagushigikira ivyo kandi bakagerageza kubasohora.174. Mbega Ubwiza! Oh, si sinzi. Nu-numva nokwiruka. Murabona?

91 Mbega ntimunezerewe kuba mufise Umuco w'Umwana, kuba mugenderamu Muco w'Umwana! Mbega tugeze he, ga mwene Data? Kw'isaha yanyuma. Vyoshobora gushika umwanya uwo ari wo wose. Aho ni ho tugeze.175. U - Ubu butumwa bwarabwiwe ishengero ryo mu bihe vya nyuma,ishengero ryashibuye Kristo waryo. Abayuda bari mu gihugu cabo uhereyeuwo mwanya, ico kiringo c'imyaka mirongo ine. Igisagara gishashacarubatswe. Barindiriye iki? Mesiya agiye kuza. Aho ni ryari? Sinzi. Aho iriBuye rizomenagurira gishushanyo, aha, rizoba rigiye; ico gihe bizobabirangiye.

Ubu rero, nimurabe, harya. Iyinga rigeze hagati, imisi itatu n'igice…ahubwo ni imyaka itatu n'igice, aca yica isezerano maze agaca aca kubirin'iryo sezerano kandi agaca akuraho ibimazi n'amashikanwa… bazobabamaze kubisubizaho. Nkako, bazovuga bavyeruye bati: «Umvirize harya,mwese muri amashengero. Murashobora kwinjira mu gishushanyo ca cagikoko. Tuzoja hamwe. Tuzokwikunkumura ivya gikomunista.Tuzosangangura ivya Gikomunista». Murabona? Kandi barashoborakubikora. Murabibona? Kandi bazobikora.

Yamara, ubu nimurabe neza. Gusubizaho no gushiraho ibi; ugusengaImana be n'ikimazi gitangwa uko bukeye bizosubira gukorwa mu gisagaraigihe urusengero ruzoba rwamaze gusubira kwubakwa. Kandi uwo segaba,ategerezwa kuza iyinga rigeze hagati, azokuraho isezerano ryiwe aceakuraho ivyo bimazi. Haravugwa ko «azosangangura, azosangangura ivyo»,ni ico azokora, ni uko ivyo bizogumaho gushika kw'iherezo.

92 Kandi raba: …azoza kw'ibaba ry'ikizira c'ubuyobe… «Azozakw'ibaba ry'ikizira». Ikizira, ni iki ? «Ni ukwandura ». Murabibona ?«Guteza ubugesera», ni iki? «Gukurwaho». Kw'ibaba ry'iki, kugira ngobakureho ico kindi. Murabibona? Uburoma buzogaragaza ubushobozibwabwo buhebuje kugira ngo bwigarurire inkumi zose zisinziriye, Abayudan'abandi. «Bose bazoba Abaroma atari uko, ntaco bazoba bari namba».Azokuraho isezerano ryiwe iyinga rigeze hagati.

«Kw'ibaba ry'ikizira». Namba, mu gihe ca Yesu, ikizira, bwariUburoma aho bwashika hariya ngo bwimenyekanishe, n'ubu nyene buzobaari Uburoma, buzosubira kuba ikizira kw'ishengero… buzosukwa kuri uyoageseza gushitsa ku muhero washinzwe… None azokora iki? Azobandanyaatyo gushitsa ku muhero, ni ukuvuga iherezo.

93 Nuko rero, Abayuda, abakatolika b'i Roma, abaporoti (ni ukuvuga zankumi zisinziriye), bazokoranira hamwe nk'ishirahamwe mpuzamashengero.Kandi bizomera nk'uko Yesu yabivuze, muri Matayo 24, no muVyahishuriwe Yohana 13: 14. Ivyahishuriwe Yohana 13: 14, kugiratubirabe. Dusome. Ngaha, nari navyanditse, ko nja kubisoma, ivyo, 13: 14. Aho, neza cane. Kizimirisha ababa kw'isi ibimenyetso cahawe gukorera (gukoranyaayo mashengero) mu maso…kibarira… mu maso ya ca gikoko, kibariraababa kw'isi gukora igishushanyo ca ca gikoko cari n'uruguma rw'inkotarwocishe, kirahava kibaho.

Yamara, turazi ata gukekeranya na gukeya ico gikoko ico ari co, bwabubasha bwari bufise uruguma rwocishe, kigahava kikabaho. Ni igiheUburoma bwa gipagani bwicwa, maze Uburoma bw'abapapabukabusubirira; aho ubushobozi bwa gipagani bwicwa, maze ubushobozibw'abapapa bukabusubirira.

94 Nuko rero, Ivyahishuriwe Yohana 13: 14, Yesu, muri Matayo 24,yarabagabishije kuri ivyo. «Igishushanyo ca ca gikoko».183. Paulo, mu b'i 2 Tesalonike, mu gice ca 2, umurongo wa 3 n'uwa 4.Tuharabe, kugira ngo turabe Paulo, ivyo ahavuga, kuri ico kintu. MpwemuYera w'Ubwiza yari kuri uyo muvugishwa w'Uhoraho ahambaye, turabeivyo yamenyesheje kuri ivyo, ku vy'igihe c'iherezo. Biri mu 2 Ab'iTesalonike, igice ca 2, aho biri. Nuko, ni vyiza cane. Kandi ndibaza kotwohera ku murongo wa 3, ndibaza. Neza cane, ubu rero dusome.Nimwumvirize neza, mwese. Ni bangahe bizera ko Paulo yari yuzuyeMpwemu Yera? [Ikoraniro rivuze riti: «Amen» - U] Amen. Aho reronimurabe neza.Ntihakagire umuntu abahenda mu buryo na bumwe,kuk'utazoza, kwa kureka Imana kutabanje kuboneka,…Agerageza kubakuramwo iciyumviro c'uko yagira agaruke muri ico gihe.Avuga ati: «Hategerezwa kubaho ukureka Imana, ko babanza kuja kurey'Ishengero», murabona ivyashitse muri ico gihe ca Lawodikiya….Kandi wa muntu w'umugarariji atarahishurwa «Wa muntu w'umugarariji», ukutizera ku vya Mpwemu Yera. Ukugaragarak'ukutizera……ni we mwana wo kuranduka,Nka Yuda; uwari ajejwe umutungo w'ishengero.Umurwanizi yishira hejuru y'icitwa Imana cose cankeigisengwa, nukw'azokwicara mu rusengero rw'Imana, …Mwene Data, Hoba hari ahandi hantu kw'isi, hari umuntu akora ivyo atari iVatikano, bakora ivyo? Hehe?

95 Ubu rero, twoshobora kuzingurura ngaha mu Vyahishuriwe Yohana 13, maze tukabereka ko uwo mugabo yicaye ku gisagara… mu gisagara, kandiico gisagara kiri ku misozi indwi. Kandi igitigiri ca ca gikoko, ni amajanaatandatu na mirongo itandatu na gatandatu, vyanditswe mu ndomez'ikilatini… indome z'ikiroma, amajana atandatu na mirongo itandatu na gatandatu, ni VICARIUS FILII DEI, bisigura ngo

«uwuri mu kibanzac'Umwana w'Imana», ku ntebe y'umupapa, n'icicaro ciwe, afise igitsibogikuvye gatatu. Kandi ico gitsibo narakibonye n'amaso yanje, nticari kureyanje nk'uko ikibanza canje kitari kure yo mu maso yanje, nka gurtya, kandi- kandi nariboneye iyo nkofero ya papa, hariya i Vaticano, n'amaso yanje, niho nari ndi maze ndavyirabira, kugira ngo menye neza ivyo ndiko ndavuga.«Umurwanizi yishira hejuru y'icitwa Imana, y'abantu bose bubaha Imana.Ni we ari uwera cane gusumvya abandi bose; Yicara mu rusengerorw'Imana, ubwiwe akigira nk'Imana», araharira ivyaha kw'isi, n'ivyo vyose, murabizi. Koko.

96 Paulo yavuze ati: «Hakwiye kubanza kuza kwa kureka Imana, wamwana wo kuranduka akabanza guhishurwa.» Ntimwibuka yuko nababwiyeivyo nkiri…kumwe namwe?186. Oh, nari kunezerwa no kuba nicaye aho, numviriza Paulo arikoarigisha ivyo. Mweho? [Ikoraniro rivuze riti: «Amen» - U] Humm! Eseingene nari gushima kumwumviriza. Oh!187. Ubu none azokora iki? «Igishushanyo ca ca gikoko» 2 Ab'iTesalonike. Ubu rero nimwumvirize. Nimutege yompi. Ishengero ryaririmaze kwiyumvamwo yuko umupapa yari agiye kuza. Ni iki? Ni iherezory'ico gihe c'ishengero - Paulo. Babonye inyigisho z'Abanikolayitizivyutse; bari bagiye gushiraho umuntu yera (ni iki none?) Ni umupapa.Urukundo rw'isi n'abatunzi bakuru bakuru vyari vyiteye mw'ishengero bacabahindura uko gusenga gutunganijwe. Paulo, abitewe na Mpwemu Yera,yaravyiyumvamwo. Ishengero na ryo, hamwe n'imice y'abari muri ryo bon'abakuru bo muri ryo, n'abanyabicubahiro bari muri ryo, n'abandi,barabonye ko hariho ikintu cari kigiye kuza. Kandi Mpwemu Yerayarababurira ku bijanye n'imisi ya nyuma. Yesu yarabivuzeko,muravyibuka, si vyo? Ibikorwa vy'Abanikolayiti, ari na vyo vyaruhiyegucika inyigisho, maze hanyuma riba idini! Bene Data, ubu ntitukiri mumwiza. Muvyibuke. Murabibona? Aho ni ho turi.

97 Ibikorwa vy'Abanikolayiti, iryo dini rigitangura, hamwen'abanyacubahiro bakuru bakuru, barongora amashengero, n'ibindi; kandihanyuma baciye bashinga ishengero rya Katolika. Kandi Paulo yavuze koigihe c'iherezo kitari gushobora gushika, ko igihe kitari gushobora gushika,kwa kureka Imana kutarashika, kuja kure y'Ukwizera nyakuri kwapentekote. Ukwizera kwa pentekote kuzokurwaho, kandi abakuru bazotsimbatara. Hazobaho umugabo umwe muri bo azofata ikibanzac'Imana, azokwicara mu rusengero rw'Imana, umurwanizi azokwishirahejuru ya bose, nk'uku. Kandi, ni, murabona, ni ibiki? Nikao, «kwigaruriraabanyeshengero». Murabona? Icitwa Imana cose; azokwicara mu rusengerorw'Imana, nk'Imana. Paulo yavuze ko «mu misi ya nyuma, ukureka Imanakuzobanza gushika». None ehe raba aho tugeze ubu, neza na neza ni ngaha,kandi turabona ukureka Imana, iyo tubona ishengero riguma rirushiriza kujakure ya Yo, maze rigaca neza na neza risubira inyuma. Kandi turi mu gihec'iherezo. Ni uko.

98 Aho rero, namba ivya ya mayinga mirongo itandatu n'icendavyarahuye neza cane, kandi Abayuda na bo bakaba ubu bari mu gihugucabo, igihe c'ishengero ry'abanyamahanga na co kikaba gihura neza na nezan'igihe ca nyuma, igihe c'aba Nikolayiti… canke igihe ca Lawodikiya, noneUkuza kw'Umwami ntikurushiriza kwegereza, iherezo rya vyose, iherezorya kino gihe, Izamurwa ryo? Uhereye akanya Itanguje iyinga rigira iryamirongo irindwi, canke imyaka indwi, Ishengero rizoba ryagiye. Mbega murabibona ga bagenzi? Nimuduze ikiganza nimwabamubibona. Murabibona? Ubu rero, ntitube abana. Ibi ntitwongerekubikinisha. Turi mu gihe c'iherezo. Hari ikintu kiri hafi gushika. Turikw'iherezo. Ni ho turi.

99 Ivy'ayo mayinga mirongo itandatu n'icenda vyarahuye neza cane,ivy'uguhaguruka kw'Abayuda vyarahuye neza. Ivy'igihe c'ishengerovyarahuye neza cane. Turi mu gihe c'iherezo, mu gihe c'iherezo, igihec'ishengero rya Lawodikiya, impera y'iki gihe. [Mwene Data Banham arikoarishimikiza ibiri ku gicapo kiri ku kibaho - U]. Intumwa ari zo nyenyeri,zarigishije zose ubutumwa bwazo. Bwaravuzwe. Turabandanirizako gusa.Haheze imyaka mirongo ine Abayuda bariko barataha. Bari mu gihugu cabo.None hanyuma hategerezwa gukurikira iki? Umuzo wa rya Buye. Aho ni hotugeze. Mbega bizoshika ryari? Sindabizi. Yamara, mwene Data, ahanjenshaka kuba niteguye. Nshaka ko imyambaro iba iteguye hose. Ubu rero dusigaranye akanya gato gusa, kandi nashaka yukomwumviriza mutekereje, akanya gato. Uhereye igihe Itanguje iyinga rigirairya mirongo irindwi, canke imyaka indwi, Ishengero rizoba ryagiye. Uburero nimwumvirize. Ndongeye kandi gusubiramwo uko vyanditse,ndabisubiyemwo uko vyanditse kugira ntimuvyibagire. Ibi; ni ivyo MpwemuYera yashize kw'isonga ry'ikaramu yanje, igihe nariko ndandika. Turi mu gihe c'I Lawodikiya, Kristo yarashibuwe n'Ishengero ryiwe bwite. Inyenyeriya kino gihe, Ubutumwa bwarabuzwe. Kandi abisirayeli bari mu gihugucabo. Murabona aho tugeze? Turi kw'iherezo. Ubu rero, haracasigaye ikintukimwe, canke bibiri nashaka kubakeburako.

100 Ivyo tubona vyose ubu biraja kudufasha, kubw'ubuntu bwayonitwagerageza kwiga bimwe ndwi vya nyuma bimatanije ca Gitabo.Murabona ivyo twoba twarenganye? Uhereye mu Vyahishuriwe Yohanaigice ca 6, umurongo wa 1 gushika ku Vyahishuriwe Yohana 19:21, twobatwabirenganye, kuko murabona, twari kuba twagerageje gushira ivyo hariya,mu gihe c'abanyamahanga, mu gihe, murabona, ari ivyo muri kino gihe.[Mwene Data Branham ariko avuga yishimikije ibiri ku gicapo kiri kukibaho-U] Murabibona? Ubu rero, twavyerekanye dukoresheje Ijambory'Imana, kahise n'ibindi vyose, n'ibimenyetso vy'ibihe, n'imisi, ko ata nakimwe kigisigaye. Turi kw'iherezo ry'abanyamahanga. Ni iki tugiyekuhakora? Vyerekeye ubugingo bwanje n'ubugingo bwanyu; vyerekeyeubuzima bw'abakunzi bacu, twarashishitiwe igihe kirekire birenze urugero.Twararonse ibitworohereza rwose birenze urugero.Vyoba vyiza dutanguye gutera tuja imbere. hararengeranye, kurusha ukwo muvyibaza, mwibuke gusa.

101 Ubu rero, hamwe mwoba mushaka kuvyandika, ivyo ngira mvugebirahambaye. Umvirize neza,

ndabidasavye. Ni co kintu ca nyuma ngirandabereke, gikurikirwa n'ica nyuma; nyuma y'ico mfise akantu gatoya gusanca nongerako. Akantu gato nanditse nshaka kubabwirako. Ubu nimumireamate akanya gato, maze mwumvirize neza, ngira ndabazanire ikintugihambaye cane, gihuye n'ivyo duhejeje kuvuga. Murabibona? Ntan'akanya kangana n'ubugi bw'urwembe kari kagati y'impera ya kino gihen'ukuza kwa Kristo. Vyose…nta kindi gisigaye. Mbega abisirayeli bari mugihugu cabo? Ivyo turabizi. [Ikoraniro ryishuye riti: «Amen- U»]. Mbegaturi mu gihe c'I Lawodikiya?[Amen]. Mbega ubutumwa bwa kino gihe caPentekote bwaravuzwe? Kugira bugerageze kunyiganyiza abantu,bubagarukane ku mugisha w'inkomoko wa Pentekote?[Amen]. Mbegaamahanga arahaguruka kugwanya ayandi mahanga? [Amen]. Ibiza? Mbegahariho inzara mu gihugu uyu musi? Ishengero nyakuri riragenda ibilometeroamajana bari mu mamodokari, rirondera kumva Ijambo ry'Imana? [Amen].Si umutsima gusa, ariko ni ukumva Ijambo ry'Imana. Haradutse inzara?[Amen].Si vyo?[Amen]. Ariko ivyo nyene, ni vyo turimwo ubu. [Amen].Murabona aho tugeze? [Amen]. Turindiriye iryo buye.

102 Ivyo ngira mvuge birahambaye. Uhereye igihe Imana yari yahayeisezerano Aburahamu…ibi ntibibacike. Uhereye igihe Imana yari yahayeisezerano Aburahamu, Itanguriro 12:3, gushitsa igihe Kristo yashiburiweko,mu 33 inyuma y'ukuvuka kwa Yesu Kristo, ashibuwe n'abayuda, nk'ukoAb'I Galatiya 3:16 na 17 habivuga, kandi bihuje n'uguharura ibihe kwaUsher, U-s-h-e-r, uguharura ibihe kw'Abaheburayo kwa Usher, ubushobozibw'Imana bwabanye neza na neza n'Abayuda mu kiringo c'imyakaigihumbi n'amajana icenda na mirongo itanu n'ine. Imana yakoranyen'Abayuda mu kiringo c'imyaka igihumbi n'amajana icenda na mirongoitanu n'ine, nk'uko biri mu guharura ibihe kw'Abayuda no mu b'I Galatiya3: 16 na 17. Ndafise n'iyindi mirongo myinshi yo mu Vyanditswe, ariko iyoni yo ntanze gusa. Hanyuma, bamaze gushibura Kristo, yaciye ahindukiriraAbanyamahanga kugira ngo abakuremwo ubwoko bwitirirwa Izina ryiwe.Murashaka umurongo wo mu Vyanditswe uvuga kuri ivyo, aho biri?Ivyakozwe n'Intumwa 15: 14.

103 Ubu rero, duharuye igihe, turabona ko dusigaranye neza na neza (nimwumvirize!) imyaka cumi n'indwi, maze tuzoba twatijwe igihe kinganan'ico, turi kumwe n'Imana ikorana natwe mu bushobozi bwa MpwemuYera, uhereye mu 33 imbere y'ukuvuka kwa Yesu Kristo, gushika mumirongo irindwi n'indwi. Igihe kingana n'imyaka igihumbi n'amajana namirongo itanu n'ine, Imana ikorana natwe nk'uko yakoranye n'Abayuda.Ivyo mubivuzeko iki?197. Ubu rero, nimwandike mu dukaye twanyu, ahantu hato mu Vyanditswe,aho ngomba kubaha. Abalewi 25, uhereye ku murongo wa 8. Imanayaratanguza Yubile uko imyaka mirongo ine n'icenda irangiye. Umwakaugira mirongo itanu, yari Yubile. Ivyo turabizi. Turabitahura. Kuva kuriYubile ya mbere yo mu Balewi 25:8; muri 1977, izoba ari Yubile igiramirongo irindwi, hace hakwira neza na neza imyaka ibihumbi bitatun'amajana na mirongo itatu. Yubile gisigura ngo «tuduge! Ukubohorwa». Oh twiteze ukuza kwa ya nganji ya Kristo y'imyaka igihumbi, Igihe gihezagiwe. Aho Umwami wacu azoza kuronderaumugeni wiwe amwiteze.Oh, isi iratura akaborogo, irahuzagirwa yipfuza uwo musi wokubohorwaAho Umukiza wacu azogarukira kw'isi.

104 Ivyo mwabitahuye? [Ikoraniro ryishuye riti: «Amen»-U] Imanayakoranye natwe neza na neza igihe kingana n'ico yamaze ikoranan'Abayuda. Uhereye igihe yahereye Aburahamu gushitsa aho Mesiyaashiburiwe mu 33 inyuma y'ukuvuka kwa Yesu Kristo, bitanga imyakaigihumbi n'amajana icenda na mirongo itanu n'ine. Ubu naho dusigaranyeimyaka cumi n'indwi. Twararonse hafi imyaka igihumbi n'amajana icendana mirongo itatu n'iyindi. Dusigaje imyaka cumi n'indwi kugira dushike mu 77, aho izoba ari Yubile igira mirongo irindwi, uhereye Yubile zitanguyekubaho. None kizoba ari iki? Oh, mwene Data! Nimutege yompi. Ivyontibibacike. Izoba ari Yubile yo kwitahira kw'umugeni wo mubanyamahanga, aho azodugira, bo n'ukugaruka kwa Kristo ku bayuda, ahobazovira mu buja. Amen! Murabibona, siko biri? Baje bava mw'isi yosekugira ngo bakoranireyo kubw'uwo musi. Oh la la! Murabona aho tugeze.Ntituzi igihe ivyo bishobora gushikira. Turi mu gihe c'iherezo.

105 Ubu rero nimwumvirize. Mwebwe abanyeshengero mwagwanyeurugamba rwa kera, abahora baza kuva kera, nashaka kubereka ikintukimwe. Ni ikintu namenye ejo; ku muntu yize ivya kahise yitwa Paul Boyd,maze hanyuma… kandi naciye ngira ubushakashatsi kuri ivyo muVyanditswe, n'arya matariki yandi ni ho nayasanze, hariya, n'ibindi, kandihamwe n'ivyo, naravyiseranguriye kuva ku nstango gushitsa kw'iherezo. Ni uko muri 1933, mu gihe twariko turagira ibikorane vyacu ngaha,mu rusengero rw'abitwa aba francs maçons, harya hari ishengero rya Kristoubu, umusi mu gitondo mu kwezi kwa kane, imbere yo kuva Imuhira…nariko ndashikanira Imana yanje, nari naguze mu zasohotse mu 33 kandi nariko ndayishikana kubw'igikorwa c'Imana. Maze ndiko nderekwanca ndabona igihe c'iherezo. Ubu rero nimurabe ingene bitangaje. Ico gihenari nkiri muto cane. Kandi murashobora kwibaza uko imodoka yakozwemuri 1933 yoba yarasa. Ukuntu yoba yarasa. Naciye njayo, ku rusengerorw'abitwa aba francs maçons aho bamwe muri mwebwe, inararibonye muringaha muravyibuka. Vyanditse ku gapapuro ka kera mfise I muhira,vyaramaze gusohoka kandi vyarakwiye isi yose. Murabibona? Hari muri 1933. Kandi nari narabivuze bitaraba ko ikintu kibabaje kizoshikira LetaZunze Ubumwe imbere canke uhereye ubu gushika mu 1977. Ni bangahebibuka ko bumvise mvuga ivyo? [Inararibonye zishuye ziti: «Amen»-U]Rabe amaboko. Koko.

106 Ubu rero nimurabe neza. Nari nabivuze bitaraba ibintu ndwivyategerezwa kubanza gushika kugira habe…imbere yuko kwa guhona guhambaye, canke ca kintu gihambaye gishika, ngaha muri Leta

ZunzeUbumwe, ikintu vyukuri giteye ubwoba. Navuze… mwibuke, aho hariimbere yuko kiba. Navuze ko tuzokwinjira mu ntambara y'isi yose igirakabiri. Navuze nti: «Umukuru w'igihugu ahari ubu… ivyo navyimuye ejoaho nari naravyanditse kera, umukuru w'igihugu dufise ubu», kandi yari…nibangahe bibuka ko bavyumvise ndabivuga. Nimuvuge muti: «Amen».Ishengero ryishuye riti: «Amen». Neza cane. Intambara y'isi yose igirakabiri. Navuze nti: «Umukuru w'igihugu dufise ubu», kandi yari…nibangahe bibuka uwo ari we? [Mwene Data umwe aciye avuga ati: «FlanklinRoosevelt»] Flanklin D.Roosevelt. Navuze nti: «Umukuru w'igihugu ahariubu azotorwa mbere n'irigira kane», ico gihe yari atowe ubwa mbere,azotorwa ubwa mbere, «azotorwa ubugira kane, kandi tuzokwegerwa muntambara ya kabiri y'isi yose».

107 Naciye mvuga nti: « Uwutwaza igitugu yahagurutse mu Butaliyano, niukuvuga Mussolini, azofata ubutegetsi. Kandi azoja muri Etiyopiya, mazeazonesha Etiyopiya». Hariho abantu bicaye ngaha muri kano kanya, bazi kobicaye ko hari umugwi w'abantu bari aho igihe nagirisha igikorane hariyamu nzu yitwa «Redman», kuri uyo mugoroba, aho vyaba ngombwa ko njahariya kubivugako ubutumwa, mu nzu yitwa Redman, kandi bagirabanyirukane muri iyo nzu kubwo kuba navuze ikintu nk'ico. [Mushiki wacuumufasha wa Wilson yishuye ati: « Amen, ni ukuri»-U] Ego mupfasoniWilson. Ndazi ko mu… [« Ni ikuri»] Ni ukuri. Igihe navuga ivyo…ariko,mbega yarabikoze? «Yamara», navuze nti: «Yamara azogira iherezo riteyeisoni», kandi niko vyabaye. We n'umugore babana bamanitswe ku mugozi,umutwe uraba hasi, mw'ibarabara, amaguru ari mu kirere, impuzu na zozirekera. Ni uko. Ivyo vyarashitse.203. Nyuma y'ivyo navuze nti: «Abagore bararonse uburenganzira bwo kujagutora, navyo bikaba biteye isoni muri iki gihugu. Kandi kubw'ugutorakwabo, umusi umwe, bazotora umuntu atari akwiye gutorwa». Kandi ni vyobakoze mu matora aheruka. Oh la la! Bine… (navuze nti : «Ubuhingabuzotera imbere ku buryo…» Oya, ngaha iki ni ikigira gatatu.Nimumbabarire.

108 Ng'iki igikurikira, harya, ica kane. Navuze nti: « Tuzoja mu ntambaratugwana n'ubudagi, kandi bazokwubaka ahantu hanini h'ibeto, igihomegikomeye hariya, kandi abanyamerika bazotsindwa rwose». Imana ishoboravyose, iyo mpagaze imbere muri kano kanya, irabizi: Narabonye ba ba nazibikukiye bariko baratera imigere abanyamerika nk'uku, n'ibindi, impande y'urwo ruhome. [Hari umuntu umwe mw'ikoraniro avuze ati: «Amen»-U]Kandi hariho abantu ngaha bagiye kuri rwa ruhome rwitwa Siegfried, kandibazi ingene vyari bimeze. [Amen, ego mushinganta. Amen].Kandi mwibuke, ivyo, hari imyaka cumi n'umwe imbere y'ukubakwa kwarwa ruhome rwitwa Siegfried. Mbega Imana ni inyakuri? [Ishengeroryishuye riti: «Amen»-U] Mbega iracavuga ibintu bitaraba? [«Amen»]. Rabeneza. Ico, cari ikigira kane.

109 Ubu rero ikigira gatanu: « Iterambere ry'ubushakashatsi rizoshika ahobazokora imodokari itazoba ikeneye kunyongeshwa ivola. Kandi imodokarizizobandanya zifata imero y'irigi, gushika ku muhero, igihe c'iherezo.Narabonye umuryango wo muri Amerika ugendera mu modokarikw'ibarabara ryagutse, umugongo uraba ahategerezwa kuba ivola; nabonaumenga bariko barakina urubugu canke ikarata. » Kandi turayifise. Ni kumboneshakure. «Popular science» canke naho «Popular mechanics»;barayerekana bose. Iyo modokari turayifise. Itwarwa n'akuma kayitegekakatayikozeko, hakoreshejwe radari. Ntibazonakenera kuba bafise ivola muriyo. Ico mukora gusa, ni ukwandikwa inomero kw'ikadara, nka kurya mugirakugira mufyonde inomero za telefone, maze imodoka yanyu igaca ibajanayoibatumberejeyo; nta sanganya rishobora kuba canke ikindi kintu na kimwe.Nta zindi modoka ziyegera. Sumaku ica yigiza kure yanyu izindi zose.Murabibona? Barayifise. Oh la la la. Nimuvyiyumvireko. Ivyo vyavuzwehasigaye imyaka mirongo itatu imbere yuko bishika!

110 Ni uko ivyo bitwinjiza mw'itorwa ry'umukuru w'igihugu yitwaKennedy. Kandi hamwe n'iyo modokari yabonetse, bibaye ibintu bitanu (kubintu ndwi) vyashitse nk'uko vyabuwe.

Ubu rero, naciye ndabivuga bitaraba, naciye mvuga nti : « Nabonyeumugore ahambaye ahaguruka, abereye ijisho, yambaye nk'umwamikazi,yisize amarangi ashaka gutukura. Kandi aho nari nabayenk'uwugacishamwo nti : « (yari afise ububasha bwinshi muri Leta ZunzeUbumwe, kumbure ni Ishengero rya Katolika.) » Umugore, umuntu umwe,umugore ; sinzi ko azoba ari Ishengero rya Katolika. Sinzi. Sinobimenya.Ico nabonye gusa, nabonye uwo mugore, nta kindi.

Yamara iki gihugu ni igihugu c'umugore. Igitigiri c'iki gihugu, muvyavugishijwe, ni cumi na gatatu. Gifise ibice cumi na bitatu, inyenyericumi na zitatu. Catanguranye amaleta cumi n'atatu. Cumi na gatatu, cumi nagatatu. Vyose bigenda ari cumi na bitatu. Mbere bibonekera mu gice ca 13 co mu Vyahishuriwe Yohana. Kigizwe n'igitigiri cumi na gatatu. Kandi ni igihugu c'umugore.

111 Amasentare yo kwahukanisha yo muri Amerika arekurira akwahukanakuruta mu bindi bihugu kubera abagore bacu. Mu gihugu cacu, imico nokwahukuna bimeze nabi kurusha mu Bufaransa canke mu Butaliyano, ahoubumaraya bukorerwa mu mabarabara. Ariko rero bo, ni ba maraya; iwacuni abagore babiriwe bagerageza kugenda n'abagabo benshi, bo n'abagabobenshi bafise abagore bagerageza kugendana n'abandi bagore. Mu bihugu hari ivyo kwabira abagore benshi, hoho vyopfumank'incuro igihumbi. Yamara kandi, ukwabira abagore benshi, ni bibi,turabizi. Ariko ni ukugira gusa ndabereke ingene twononekaye.

Ndafise urupapuro rw'ikinyamakuru, aho berekanye ko, igihe imisoreyo muri Amerika yagenda hakurya

y'amazi, mu ntambara iheruka, haribenshi kuruta, nibaza ko bari nka mirongo irindwi kw'ijana… rindira akanyagato, ngaho, nibaza ko vyari bitatu vya bine vy'abari bagiye hakuryay'amazi, abo bagore babo bari bahukanye nabo imbere yuko bagaruka.Kandi umutwe w'amajambo mu ndome ninini, wavuga ngo : « Mbegaimico y'Abanyamerika isigaye imeze gute ? » Muribuka ko ivyomwabibonye ? [Ikoraniro ryishuye riti: « Amen ».] Ndibaza ko mwesemwabibonye. « Imico y'Abanyamerikakazi isigaye imeze gute ? Mumahinguriro, bakoranayo n'abandi bagabo. Ni igihugu c'umugore. Mbegakizoronka iki ? imana-ngore canke imanakazi.

112 Maze mu nyuma, hariya, narahindukiye, ndaraba. Kandi naciye mbonaLeta Zunze Ubumwe zisha nk'ikirundo c'amakara yaka, ibitandara vyarivyasataguritse. Kandi vyaka nk'igicaniro kirimwo inkwi z'ibisate, cankeikindi kintu, hari ikintu cari cahashizemwo umuriro. Naravye maze ahonageza kubona, hari hacitse umunyota. Ni ho rero uko kwerekwa kwacakumvako. Bitanu kuri bimwe bitatu vyarashitse…canke naho, bitanu kuribimwe ndwi vyarashitse. Kandi rero, harerekanywe…kandi hanyuma, narabivuze bitaraba.Sinigeze mvuga ko ari Umwami yari yabimbwiye, ariko umusi umwe muriico gitondo mw'Ishengero, navuze nti: « Uravye uko ibintu birikobiragenda…». Naciye ntambuka gushika aho uruhome ruherera, ncandagaruka ku rundi ruhande rw'aho uruhome ruherera. Nca mvuga nti:«Uravye uko ibintu biriko biragenda, ndabuye ko igihe…sinzi igituma mvuze ivyo. Yamara ndabuye ko ivyo vyose hagati y'ubu nyene muri 1933no muri 1977 ». Kandi sinari ndabizi, Imana irazi umutima wanje, gushikaejo sinari bwamenye ko 1977 ari Yubile, kandi ko hazoba haciye neza naneza igihe kingana n'ico yari yahaye Abisirayeli, n'ibindi, kw'iherezo. Rero,turi… aho turi… ehe turi ku mpera y'igihe, iyinga rigira irya mirongoirindwi riri hafi gutangura. Ntituzi igihe Ishengero rizogira. Oh la la la!None twokora iki ga bagenzi? Tugeze he ?

113 Murabona uko turi ubu ? [Ikoraniro ryishuye riti : « Amen »- U] Mbegaubu none muratahura iri yinga rigira irya mirongo irindwi rya Daniyeli? [«Amen»] Murabona, ubu rero nitwabandanya kugira dutangure bimwebimatanije ca Gitabo, bo n'ivyo bintu, nitwugururа bimwe bimatanije caGitabo, uwa mbere ni uwugendera kw'ifarasi y'igitare, kandi afise umuhetomu minwe. Nimwihweze uwo mugabo uwo ari we. Nimwihweze iyo farasiibenjutse, ica iza imukurikira. Murabibona ? Nimwihweze uwo ari we, kandimurabe ingene bagenda bakurikirana. Nimwihweze abo ibihumbi ijana namirongo ine na bane baje. Nimwihweze iyo nkumi isinziriye, igihe nayoishika. Kandi hanyuma, nimwihweze ivyo bintu vyose bica bishika. Zanzavya zisukwa ; ivyago, za mpwemu zitatu zihumanya zisa n'ibikere.Ihweze ivyo bintu, ingene vyinjira muri vya vyago, mu gihe nyene bisukwa.Igihe cose ikimatanije igitabo cuguruwe, icago gica gisukwa maze hakazaukugesezwa. Maze muce mwihweza ibica bishika ubwo nyene kw'iherezo.

114 Kandi, oh, ihweze abo bavugishwa batatu…canke abo bavugishwababiri, igihe baje aho. Kandi iyinga rigeze hagati, baca bakurwaho, nk'uku,kandi niho hatangurira ya ntambara ya Harumagedoni. Aho rero Imanaubwayo niyo ica yivugira, aho rero niyo ica ihaguruka ikinjira mu ntambara.Abo bavugishwa baca babababaza isi. Bigisha Izina rya Yesu Kristo. Babatizaco kimwe. Bakora ibisa n'ivyo ba data ba mbere bo kuri pentekote bakoze,kandi benshi ni abababakurikira. Ariko abakoranirijwe muri iryo shirahamwe,ririya ryabandanije ukuri kwamye. Mbere n'ubushobozi bwa baryabavugishwa, ntibwakuyeho iryo dini. Kandi uburuhiro bazovuga bati: «Tugiye kwegeraniriza vyose mw'idini rimwe. » Kandi aca yinjira (iki none?)Ikizira, katolika y'I Roma, ikwiragira rwose muri ivyo vyose, ikazanaubuyobe. «Ikizira c'Ubuyobe » cigarurira vyose, «ukwandura».

115 Muribuka umwe maraya ashaje yari afise abana, yari yicaye kuri cagikoko, yambaye ibisa n'agahama, nk'uku, cari gifise imitwe ndwin'amahembe cumi. Muravyibuka ? « Yari afise mu kuboko kwiwe igikombe cuzuye imyanda y'ubuhumanya bwiwe. » Yari inyigisho yiwe yagendaakwiragiza mu bantu. Kandi ehe, bene Data. Turi mu gihe c'iherezo. Bana bato, nta wubizi, kumbure ko tutaja kuba tukiriho kugira ngotugaruke kuri uno mugoroba. Kumbure ko tutaja kuba tukiriho ngo twongerekubonana. Sindabizi. Yamara iherezo riregereje cane, iherezo riregerejecane. Ng'uyu umurongo wo mu Vyanditswe. Turafise vyukuriikimenyamenya gitunganye rwose, biciye mu Vyanditswe. Ubu rero, namba hari ikintu mutatahuye, murabinyandikira, mazemubimenyeshe. Murabibona ? Nimugire ico muvuze. Bamwe murimwebwe, bene Data hariya, bariko bumviriza amakasete mu yindi mihingo,namba hari ico nobibafashako, nimubimenyeshe. Vyoshoboka ko mwobamudahuza nanje. Kandi birashoboka ko noba ntahuza n'idini ryanyu, atariuko ntahuza namwe ariko ntahuza n'ukuntu idini rikora. Si uko ntahuzan'abakatolika. Simvuze ko ntahuza n'abakatolika, ko ntakunda abantu barimu madini. Si ivyo. Nkunda abantu bose, ariko simpuza n'ubwo buryo bwogukora bubaboshe. Uko ni ko biri, uburyo bwo gukora, ni uko. Ng'ico.

116 Sinagwanya Ubudagi, nagwanya inyigisho z'Abanazi. SinagwanyaUbutaliyano, ahubwo nanka amacakubiri afatiye ku rukoba. Kandi mwibuke,nari navuze ibindi bitaraba, kandi benshi, abakera, muravyibuka. Narinavuze nti : « Hari imigwi ikomeye igerageza kwigarurira isi uyu musi :fascisme, nazisme na communisme. » None nari navuze gute ? Kouburuhiro, bose bazokwinjira mu ntwaro ya gikomunista.

Kandi mwese nari nabasubijemwo ibi nti : « Nimushinge ijisho kuBurusiya ». Ivyo muravyibuka ? « Nimushinge ijisho ku Burusiya ».Uburuhiro buzokwinjira bwose mu ntwaro ya gikomunista. Hanyuma; ivyovyose bizoruhira kwinjira muvy'igikatolika. Mwibuke, vyose bizoruhukiramu vya katolika. Ni vyo koko. Ivyo bizoba muri ya ntambara yaHarumagedoni, hirya cane, aha, mu gihe Kristo ubwiwe azoba agarutse.

117 Ariko abo bavugishwa n'Imana batatu…canke ahubwo iyo myaka itatun'igice, ni mu Vyahishuriwe Yohana 11: 3, mwarahasomye kandi ngo :« Abanshingira babiri, nzobaha ubushobozi bwo kuvugishwa nanje imisiigihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu ». Ni ingahe, imisi igihumbin'amajana abiri na mirongo itandatu? Imyaka itatu n'igice : «Hanyuma,bazokwicirwa mw'ibarabara» hagati na hagati ya rya yinga rigira mirongoirindwi. None murabona aho ya mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli ari? Murabona aho tuba? [Ikoraniro ryishuye riti: «Amen »-U]. Turi kw'iherezo,bagenzi nkunda. Turi kw'iherezo. Ya misi… Amahanga ariko arasenyagurika,Isirayeli iriko irikanguraNk'uko vyabuwe n'abavugishwa;(Aho ni ho tugeze)Imisi y'abanyamahanga iraharuye (ngaha)Batekewe n'ubwoba,«Nimuhindukire, yemwe abasabagiye mugaruke mu banyu»Tukaririmbe:Umusi wo gucungurwa uregereje, Ubwoba butekeye imitima y'abantu; Nimwuzure Mpwemu amatara yanyu yame ateguye kandi yaka, Nimuraramure amaso, ugucungurwa kwanyu kuregereje!Oh la la! Ni ibitangaza, si vyo?Amahanga ariko arasenyagurika,Isirayeli iriko irikanguraNk'uko vyabuwe n'abavugishwa;Imisi y'abanyamahanga iraharuyeBatekewe n'ubwoba,«Nimuhindukire, yemwe abasabagiye mugaruke mu banyu»Twese hamwe rero.Umusi wo gucungurwa uregereje, Ubwoba butekeye imitima y'abantu; Nimwuzure Mpwemu amatara yanyu yame ateguye kandi yaka; Nimuraramure amaso, ugucungurwa kwanyu kuregereje.Ngiye kubaririmbira igitero gitoya. Abavugishwa b'ibinyoma barabesha. Bahakana Ukuri kw'Imana, ko Yesu Kristo ari we Imana yacu.Bamugira umuperesona agira gatatu. Ariko si umuperesona agira gatatu, niImana yacu. Tuzoca mu makanda y'intumwa Kubera ko umusi wo gucungura wegereje Ubwoba butekeye imitima y'abantu; Nimwuzure Mpwemu, amatara yanyu yawe ateguye kandiyaka, Nimuraramure amaso agakiza kanyu karegereje!

118 Mbega ntimunezerewe? Tugaruke ku Butumwa, mwene Data!Tugaruke kuvy'inkomoko! Tugaruke kuri pentekote! Tugaruke kumuhezagiro nyakuri. Tugaruke kw'Izina rya Yesu Kristo! Tugaruke kubimenyetso n'ibitangaza! Tugaruke kuri pentekote. Twitandukanye n'idini!Tugaruke kuri Mpwemu Yera! Uyo ni we mwigisha wacu.Kuko umusi wo gucungurwa uregereje, Ubwoba butekeye imitima y'abantu; Nimwuzure Mpwemu amatara yanyu yame ateguye kandi yaka; Nimuraramure amaso, ugucungurwa kwanyu kuregereje.

Birahimbaye cane, si vyo? Mbega umuvugishwa n'Imana yavuze iki?«Hazoza igihe, aho atawuzoshobora kucita umurango canke ijoro».Nimurabe ingene vyagenze. Murabona? Oh! Si heza na gato, uko ibihevy'ishengero vyagiye bikurikirana! Ariko hageze ku kagoroba umuco uzoseruka,Inzira y'ubwiza, aho ni ho uzoyisanga,Mu nzira y'amazi, ni ho hari Umuco w'uyu musi,Muhambwe mw'Izina ry'igiciro rya Yesu,Abato n'abasaza, nimwihane ivyaha vyanyu vyoseMpwemu Yera azokwinjira vyukuri muri mwebwe;Uwo muco wo ku kagoroba waratse,Ego ni ukuri ko Imana na Kristo bari umwe.Hageze ku kagoroba, (twese hamwe!), umuco uzoseruka.Inzira y'ubwiza, aho ni ho uzoyisanga,Mu nzira y'amazi, ni ho hari Umuco w'uyu musi,Muhambwe mw'Izina ry'igiciro rya Yesu,Abato n'abasaza, nimwihane ivyaha vyanyu vyoseMpwemu Yera azokwinjira vyukuri muri mwebwe;Kuko umuco wo ku kagoroba waratse,Ego ni ukuri ko Imana na Kristo bari umwe. (Si batatu, ariko niUmwe!)

119 Tugaruke ku Butumwa, tugaruke kw'itanguriro. Tugaruke ku vyo Pauloyigisha!Tugaruke ku mubatizo nk'uko we yabatiza. Yabonye abantu babatijweukundi, aca asubira kubabatiza. Yavuze ati: «Naho yoba umumarayika womw'ijuru, akaza abigisha ikindi kintu, arakavumwa». Ni uko rero, tugarukeku butumwa mugenzi! Ni igihe c'akagoroba. Oh! Ndamukunda cane. Mweho? [Ikoraniro ryishuye riti: « Amen»- U]Ubu none ni bangahe ayo mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli, kandibabona rirya yinga rigira irya mirongo irindwi ico ari co? Ni bangahebavyizera? Nimuvuge muti: «Amen». [«Amen»] Amen! Icubahiro kibe ic'Imana!

120 Ubu none, ni igiki gitegerezwa gukurikira? Ubu rero bimwe ndwibimatanije ca Gitabo. Tuzobitandukira tudatevye Umwami niyavyemera.Igihe bizobera, sindakizi. Aho azobonera ko ari vyiza kubitanga, muri icogihe tuzovyinjiramwo. Aho rero, tuzogira igikorane kirekire kuko bizobangombwa guhera ku gice ca gatandatu gushika ku gice ku gice ca cumin'icenda kugira tubibone vyose. Kandi uravye n'ingene nkora ibintubukebuke…227. Ubu rero sinshaka ko hogira uwuva hano atahuye nabi ibi. Ikasetiiracariko irafatwa. Sinashaka ko hogira uwutahura nabi, ubu rero,ntimubitahure nabi, ngo muvuge muti : « Mwene Data Branham yavuze koYesu azoza muri 1977 ». Sinigeze mvuga ikintu nk'ico. Birashoboka koYesu agaruka uyu musi. Ariko nababuriye bitaraba ko hagati yo mu 1933 na1977, ikintu kimwe, kandi ko ivyo bintu nabonye mu kwerekwa bizoshika.Kandi bitanu muri vyo vyaramaze gushika.

121 Kandi ndibaza ko hamwen'ibintu ruhonyanganda bafise ubu…

Kandi mwabonye ico umukuru wacu ahejeje kuvuga? Ashaka iyindintambara. Yavuze ko Berlin ashaka kuyigira iciro ry'imigani. Ashakakuyitangako akarorero. Mbega ivya Cuba vyo bimeze bite, ahatubangikanye. Kubera iki atotanga akarorero kuri yo? Ivyayo bimeze bite ?Oh ! Vyukuri ntibifise insiguro ! Murabibona? Mwene Data burya turi kw'iherezo. Bigiye…bigiye…kurangira neza naneza nk'uko Imana yabivuze, none bimaze iki gukora ikindi kintu uretsegusoma ivyo yavuze no kwitunganya, no kuvyitegurira. Ese ico kintucoshika, muri aka kanya. Turakirindiriye.Turarindiriye ukuza kwa ya ngaji y'imyaka igihumbi,Umusi wahezagiwe;Aho Umwami wacu azozira kurondera Umugeni amwiteze,Oh, isi iratura akaborogo, irahuzagirwa yifuzaUwo musi wo gucungurwa,Aho Umukiza wacu azogaruka kw'isi Oh

Umwami wacu aragarutse vuba kw'isiEgo, Umwami wacu aragarutse vuba kw'isiOh Satani azobohwa imyaka igihumbi,Ntituzongera kugeragezwaYesu niyamara kugaruka kw'isi.Ni bangahe biteguye? Shira urutoke hejuru. Oh la la la!Oh, Umwami wacu aragarutse vuba kw'isi.Duhagaruke dufatane, aragarutse vuba kw'isi Oh satani azobohwa imyaka igihumbi, Ntituzongera kugeragezwa,Yesu niyamara kugaruka kw'isiUkugaruka kwa Yesu kuzoba inyishuY'amaborogo y'isiKuko ukumenya Umwami kuzokwuzura isi, n'ikiyaga hamwen'ijuru.Imana izokuraho ingwara zose, izohanagura amariray'ububabare,Yesu niyamara kugaruka kw'isiOh Umwami wacu aragarutse vuba kw'isiEgo Umwami wacu aragarutse vuba kw'isi,Oh, satani azobohwa imyaka igihumbi, ntituzongerakugeragezwa,Yesu niyamara kugaruka kw'isi. Yesu niyamara kugaruka kw'isi.

122 Oh la la ! Mwumva mumerewe neza, si vyo ? [Ikoraniro rivuze riti:«Amen. Haleluya»-U] Nimuvyiyumvireko gato, bagenzi, iyo ni yopentekote. Ni ugutazira. Iyo ni yo pentekote. Tukaririmbe dukoma amashi.Abapentekote, mwese, nimwidagadure, ubu rero, nimwiyambure imigenzoya kera ya kimetodiste, hariya. Ni uko, nimuze tukaririmbe.Oh Umwami wacu aragarutse vuba kw'isiEgo, Umwami wacu aragarutse vuba kw'isiOh Satani azobohwa imyaka igihumbi,Ntituzongera kugeragezwaYesu niyamara kugaruka kw'isi.Oh Umwami wacu aragarutse vuba kw'isiEgo, Umwami wacu aragarutse vuba kw'isi(Bibiliya irabivuga !)Ego, Umwami wacu aragarutse vuba kw'isiOh Satani azobohwa imyaka igihumbi,Ntituzongera kugeragezwa Mbega muramukunda? [Ikoraniro rivuze riti: «Amen».-U] Neza cane.Akitwa: Ndamukunda, mushiki wacu Gibbs. Oh, ubu rero tuduze ibiganzatuvyerekeza kuri We.Ndamukunda, ndamukundaKuko yankunze ubwa mbereMaze andonkera agaki…(Hehe? Aha nyene, I karuvariyo)Ku giti c'I Karuvariyo.Ndamukunda, (mbega ubwiza!) ndamukundaKuko ari We yabanje kunkunda,Maze andonkera agakiza ku giti c'I Karuvariyo.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7